# Mpwemu Yera Ni Iki?

Jeffersonville, Indiana, USA

16 Kigarama 1959

1 Kino gikorane kigiye kuba igitandukanye gato n'ibindi bikorane tumenyereye kugira hano. Kenshi, buri gihe iyo tuje gukorana hano, kiba ari igikorane ku…kubwo gukira indwara kw'abarwaye no kubw'ivya nkenerwa vy'umubiri. Aho ni ho dukunze gushimikira. Ariko kano kagoroba, dutanguye rino kanguro kubwo gukira kw'umushaha, u—umutima w'umuntu.

N'uko rero, Umwami niyabishaka, Kuw' Iyinga mu gatondo, kw'ishure ryo kuw' Iyinga, kuw'Iyinga mu gatondo, tuzosengera abarwaye tugire n'umurongo w'amasengesho kubwo gukira, mu gatondo ko kuw'Iyinga, Umwami niyabishaka. Hanyuma muri aya mayinga ku migoroba, twasunikiwe cane kuvuga ku bintu Bihoraho kubw'u—kubw'umushaha.

2 None rero, turazi yuko iyo umubiri u—umubiri ukize, ivyo bidutera umunezero, kuko tuca tuzi yuko vyerekana mu buryo ntabanduka ko Imana yacu ikiza abarwaye. Ariko abo bantu baba bahoze barwaye, iyo baramvye cane, barasubira kurwara kumbure, bashobora gusubira kurwara ya ngwara nyene bari bakize, kandi ivyo ntibikuraho kuba hariho ugukira indwara. Umuganga azotanga umuti w'umusonga, maze nk'inyuma y'iminsi itatu abahawe uwo muti bashobora guhitanwa na wa musonga nyene muganga yari yavuze ko bawukize. Uragaruka. Ariko iyo uwo mushaha ukize, aho uba ufise Ubugingo Budashira muri wewe.

Kandi ndizera yuko twegereje cane Ukugaruka kw'Umwami Yesu, ku buryo dutegerezwa gukora ikidushobokeye cose kugira dushikane umushaha wose mu Bwami, twongere tuzanire Ubwami abantu, gurtyo imitima yacu ishobore gukira. Nizera yuko Umubiri wa Yesu ni wo mubiri nzi uremvye cane kurusha iyindi; uwo na wo ni wa—wa Mubiri, wa Mubiri wo mu buryo bwa mpwemu wa Kristo uri kw'isi, uraremvye cane.

3 None rero ubu, ntidutegekanya kubafatira cane kw'uyu mugoroba, kubera umugoroba wa mbere ntitunafise ibibanza bikwiye vyo kwicarika Bene Data bakundwa. Dufise umugambi wo kwubaka urusengero rushasha, ihema rinini hano nyene muri iki kibanza, canke aho ari ho hose Umwami azotuyoborera kuyubaka; ariko ukwo tubizi, ni hano.

Nuko twatangaje ibikorane, kuva kuwa Gatatu gushika kuw' Iyinga. Ariko kuw'Iyinga nyene, uburuhuko bwa Noheli buzoba bwegereje, ariko bi…aho Umwami azotubwira duhagarikire hazoba ar' aho nyene. Ntituzi ikizovamwo. Ariko, turazi abantu ba hano kw'Ihema, hamwe n'amashengero yacu mavukanyi, ni kuvuga rimwe muri yo ni—ni Ihema ry'Ubweranda i Utica, iryo umwungere waryo ari Mwene Data Graham Snelling, be na rimwe ry'i New Albany, na ryo umwungere waryo akaba ari Mwene Data Junie Jackson, hamwe na rya rindi riri kuri rya barabara, umwungere waryo akaba ari Mwene Data Ruddell. Twebwe hamwe n'ayo, ayo mashengero mavukanyi y'iri Hema, tugerageza gushikana a…abantu bacu kw'isangira ryiza birushirije hamwe na Kristo. Iyo ni yo ntumbero yacu. Nuko rero nahisemwo gusoma no kwigisha, mu migoroba kanaka igiye gukurikira, ku…

4 Kano kagoroba ngomba mvuge ku mutwe w'icigwa witwa: *Mpwemu Yera Ni Iki?* Hanyuma ejo ku mugoroba, nshaka kuzokwigisha kuri: *Ni Kuber'Iki Yatanzwe?* Gurtyo kuwa Gatanu ku mugoroba…Rero kuri bamwe bafata amajwi, ubu bwo kuwa Gatanu sinshaka ko bufatwa amajwi: *Nobigenza Gute Kugira Ndamuronke?* na *Nobimenya Gute Ko Ndamufise?*Tuzoca duhagarikira aho, maze turabe ico Umwami azotuyoborera gukora, kuwa Gatandatu no kuw' Iyinga. N'uko kuw'Iyinga, hazoba igikorwa co gusengera abarwaye, hanyuma kw'uwo w'Iyinga nyene ku mugoroba hazoba igikorane c'ivugabutumwa.

Rero tugomba ko mwese ibi mubimenya…Kandi ndazi ko abafata amajwi bariko barayafata mu cumba kiri hano inyuma, rero nari nipfuza kuvuga ibi. Kubera bino bikorane bimeze gurtya, bisa nk'ivy'ivugabutumwa, haba hari abantu bo mu madini atandukanye, bigishijwe bivanye n'uko imyizerere yabo imeze, umwe wese. Kandi ivyo ni vyiza cane. Sinigeze nipfuza gutuma nagirwa no kubiba umwaryana hagati muri Bene Data. Mu bikorane vyo hanze na ho, nigisha gusa kuri kwa Kuri Guhambaye kw'Ivugabutumwa ry'Ivyanditswe, ku vyo Bene Data bafasha ibikorane vyanje bizera. Ariko hano kw'Ihema, ngo—ngomba mvuge ku vyo twizeye. Nubwo bir'ukwo, nimuta—nimutatahura, bizompimbara munyandikiye ubutumwa bugufi canke ikete, kugira mumbaze ikibazo, ku—ku mpamvu ki tuvyizera gurtyo. Rero bizompimbara kugerageza kubisigura uko nshoboye.

5 Murazi, ishengero ryose, nimba mudafise inyigisho, ntimuri ishengero. Mutegerezwa kugira ikintu kanaka mugahazeko, ibintu ngenderwako mushigikiye. Kandi ntaco bitwaye aho umuntu yoba akomoka canke idini avamwo, nimba uwo muntu yaravyawe na Mpwemu w'Imana, ni Mwene Data na Mushikanje, ntaco bitwaye…Turashobora kudahuza ku bindi bintu, nka kurya Ubuseruko butandukanye n'Uburengero, nubwo bir'ukwo turi Bene Data. Rero nta kindi nokora kiretse kugerageza gufasha uwo Mwene Data kugiranira imigenderanire myiza kurusha, yegereye cane Kristo. Ndibaza yuko Umukristo nyawe wese w'ukuri ari ivyo nyene yonkorera.

6 Rero, narabajije iri hema…Ubu rero, ibi ntituriko tuvyinjiramwo kugira turonke ibikorane vy'ikanguro

gusa. Ngomba ntangure bino, kandi nipfuza ko namwe, narabasavye guturira ibiraro vyose biri inyuma yanyu, no gutunganya buri caha, kugira ibi tuvyinjiremwo tubishizemwo imitima yacu yose n'ubuzima bwacu bwose. Dutegerezwa kuza hano mu ntumbero yo gutegurira imishaha yacu Ukugaruka kw'Umwami, ata yindi ntumbero ituzanye. Kandi nk'uko nabivuzeko, nkongera nkabitangaza, birashobora kunshikira umwanya kanaka nkigisha canke nkavuga ikintu kanaka coshobora kuba gitandukanye gato n'ic'uwundi, uko bo bavyizera. Si—si—sinaje kugira mvyure ibizazane, murabona, na—nazanywe…Turi hano kubwo gutegura Ukuza kw'Umwami.

7 Kandi ndibaza uyu mugwi muto…Ndafise Bene Data bo hanze bari kumwe nanje hano, ndabizi, baza bavuye mu mihingo itandukanye, kandi turahimbawe no kubagira hagati yacu. Kandi nta nkeka ko hose mw'ikoraniro ng'aho hari abava hanze y'iki gisagara, hirya no hino, mu bisagara bitobito bibanyi vya hano. Nuko turanezerejwe no kubagira, kandi turabashimagiza kubona mudukunda cane ku buryo muza kwumviriza bino bintu. Imana…Nimwataha iwanyu, Mwene Data nawe Mushikanje, muze kugenda mutahanye ubutunzi bw'ubwiza bwinshi Imana ishobora gucukumbura mu mitima yanyu, iryo ni ryo sengesho ryanje.

8 Ku bijanye n'iri Hema rito na ryo, burya nizera yuko bamwe mu bantu beza bari kuri iyi si bagendera rino hema. Muragabe, simvuze ngo abantu beza "bose". Mvuze bamwe mu bantu beza bari kur'iyi si bagendera rino hema. Ariko uko bukeye uko bwije, igihe cose mba ngarutse, igikorane ku kindi, nama mbona ikintu gihambaye iri hema rikeneye, rirakeneye ikintu gihambaye, kandi ico na co ni umwuzuzo, canke ukwishikana, ubuzima bw'ubwina, imigenderanire n'Imana yegereye kurusha. Rero nabasezeraniye ivyo, kubazanira ubu Butumwa. Nuko biraduhimbaye kuba muri hagati yacu, no gusangira natwe irya n'ino y'Ijambo ry'Imana, mu gihe tugiye kuryigisha twongera tugerageza kurishira ahabona.

Ubu rero, muri iyi migoroba itatu, ntituzofata umutwe w'amajambo wo kuvugako ubutumwa, ariko tuzofata Ubutumwa bw'inyigisho bukuwe mw'Ijambo ry'Imana. Kandi rero ubu, ni nk'uko ntosaba umuntu n'umwe gukora ikintu jewe ntokora jewe ubwanje. Iri yinga ryabaye Kaluvariyo idasanzwe kuri jewe. Vyasavye ko nta—ntakaza ubwenge gato, nimba ar'ukwo nobivuga, nari hafi guta ubwenge. Ariko aho ngeza kumenya, narahebeye Umwami ubugombe bwose n'ibintu vyose nzi.

9 Ejo bundi n'imugoroba, jewe n'umugore wanje, amaja mu gicugu, tumaze guhaguruka no gusenga be no kuvugana n'Umwami, dukikije akameza gato mu…mu cumba cacu, hamwe na Bibiliya zacu zompi zizinguruye, twaciye twishikanira Imana, kubw'igikorwa cose, kugira dushobore guheba ubugombe bwacu bwite, n'ibintu vyose, n'ivyiyumviro bigoramye vyose, maze kugira ngo dukorere Umwami Yesu.

Ndizigira namwe yuko ako ariko kamenyere kanyu, yuko mwama mukora nk'ivyo nyene. Nuko rero twaje kano kagoroba, twaje muri kino kibanza ceranda, hagati y'abantu bahoze mu masengesho, bisonzesheje, bagize ivyo batunganya, kandi biteguriye kwakira Ikintu kanaka kivuye ku Mana. Rero ndazi yuko uwaje ashonje ataza gusubira inyuma agishonje, ariko Imana iraza kumufungurira kuri wa Mutsima w'Ubugingo.

Nuko rero, imbere yuko dusoma mu Gitabu cayo ceranda, reka twunamike imitwe yacu gato kubw'isengesho.

10 Mwami, habayeho amasengesho yasengewe muri kino kibanza kano kagoroba. Habayeho…Indirimbo z'i Siyoni zaririmbwe n'abana bawe. Imitima yabo yadugijwe. Kandi twaje hano kugira ngo tukwishikanire, twongere tugusengere mu bwina bw'imishaha yacu. Rero turakwibukije ibi Mwami, ivyo Wivugiye, igihe Wari ku musozi Uriko Urigisha abigishwa bawe artya, ngo: "Hahirwa abafise inzara n'inyota vyo kugororoka, kuko bazohazwa." Warabisezeranye Mwami. Uyu mugoroba tuje n'imitima yuguruye. Turaje, dufise inzara n'inyota, kandi turazi yuko Uza gushitsa isezerano ryawe.

Mu gihe tugomba kuzingurura zino mpapuro zejeje za Bibiliya, kugira dusome ibiri muri yo, reka Mpwemu Yera abishikane muri buri mutima. Maze runo Rubuto rugwe mu kwizera kw'ubwiza kandi guhagije, kuzogaragaza buri sezerano ryose Ijambo ryatanze. Twishure Mwami, kandi Udutyorore, udukureko inkamba. Nimba hari ikintu na kimwe dufise canduye ga Mwami, nucerekane Mwami, duca tugenda ubutarariye gukora ibikenewe, kubera turazi ko tubayeho mu bitutu vy'Ukuza kw'Umwami Yesu. Rero, ô Mana Yera, twinjiye mu bitutu vy'ukugororoka kwa—kwawe kano kagoroba, turagusavye Uduhe umwete mushasha, ukwishikana gushasha, n'umwuzuzo mushasha wa Mpwemu Yera mu buzima bwacu.

Mu gihe tubona imicanwa y'ikanguro itanguye kugabanuka, reka twongere inkwi kw'Ijambo, kugira rishobore kwatsa urubeya rushasha, imitima yacu ishobore kwuzura umwete. Tweze Mwami, biciye kw'Ijambo ryawe ry'igiciro n'amaraso yawe, no kubw'ubuntu bwawe, turagutakambiye. Nuko amashimwe yose n'uguhimbaza bize bikugarukeko. Kura mu mitima yacu ibizigizigi vyose. Nudutyorore, ewe Mwami. Duhe imitima itunganye, n'ibiganza vyejejwe, n'ivyiyumviro vyejejwe, kugira dushobore kwinjira ahera hawe, umugoroba ku wundi, mu munezero kandi twuzuye Mpwemu wawe. Tubisavye mw'Izina rya Yesu, no kubwiwe. Amen.

11 Nipfuza gusoma Ijambo ry'Imana kano kanya. Kandi mu gihe…Nabasavye muzane ama Bibiliya yanyu,

amakereyo, n'impapuro, kubw'imirongo y'Ivyanditswe. Nimba muvyipfuza, biza kuba ari vyiza. Kandi aho, mu gihe muriko murarondera ikigabane c'7 c'Ivyakozwe n'Intumwa, kugira dutangure...kugira twishure kuri ca kibazo, canke kugira dutangure kwishura kuri ca kibazo: *Mpwemu Yera Ni Iki?*

Nta na kimwe gishobora kunesha Satani, nta kintu na kimwe cigeze gishobora kunesha Satani, nk'Ijambo ry'Imana. Yesu ni ryo yakoresheje mu ntambara yiwe idasanzwe; yavuze ati: "Handitswe ngo…"

12 Kano gatondo ndiko ndumviriza, haraheze iminsi, ibiganiro vyaboneka yuko bigomba kwerekana ko ivyaremwe vyakomotse ku minyota yatumutse iriyegeranya, hamwe na fosufate kanaka, hamwe n'ibindi bintu bigize isi, kandi ko ari umushuhe bw'isi bwari bwaremye umugera w'ubuzima maze butuma haboneka ubuzima. Mbega ukuntu biteye isoni! Aho ni mu gihe izuba ryokwica buri kagera kose k'ubuzima. Nimufate akagera mugashire ku zuba, rica rikica ako kanya nyene. Ni ubusa gusa; yamara Satani yariko agerageza kuntamika imintu nk'ivyo. Maze kujana ka Rebeka kanje kw'ishure kano gatondo, ndiko ndagaruka, naciye mpitamwo kwugurura kandi iradiyo; ariko nca nibwira yuko nohava nongera kwumvisha amatwi yanje ivyo bintu, nca ndayizimya.

Nuko ndiko ndaduga mw'ibarabara, Satani aca aramvugisha, ambwira ati: "Mbega urazi ko urya Mugabo wita Yesu, mu gihe ciwe yari umuntu asanzwe nka kurya kwa Billy Graham canke Oral Roberts. Yari umuntu asanzwe uwo abantu batanguye gukikuza bavuga ngo ni umuntu ahambaye, maze mu gihe kanaka Yaciye ahinduka uwukomeye, maze mu nyuma aca ahinduka i—imana kuri bo. None raba ubu, vyaciye bikwiragira mw'isi yose amaze gupfa, nta bindi."

13 Nca ndiyumvira nti: "Ese ukuntu uri umubeshi." Hanyuma mu gihe nariko ndajabuka Ibarabara Grahama, naciye mpindukira. Ndavuga nti: "Satani, wewe uriko uvugana na gatimanama kanje, nari nipfuza kukubaza ibibazo kanaka. Yari nde ba bavugishwa b'Abaheburayo bavuze ko Yoje? Mesiye umwe arobanujwe amavuta yari nde? Ni igiki cari kur'abo bantu bamubonye kuva kera maze bakavuga ubuzima bwiwe, imyaka ibihumbi imbere yuko Ashika hano kw'isi? Ni igiki cavugishijwe ivyo ido n'ido? Kandi igihe Yaza, bavuze ngo: 'Yaharuranywe n'abanyakibi,' hanyuma kandi ni co Yari. 'Yacumitiwe ivyacu bicumuro,' ni co Yari. 'Imva yiwe yashizwe mu batunzi, yamara azozuka ku munsi ugira gatatu,' kandi Yarabikoze. Ikindi, Yarasezeranye Mpwemu Yera, nanje ndamufise. Rero vyokubera vyiza wegeye kure yavyo, kubera vyanditse mw'Ijambo, kandi Ijambo ryose ni Ukuri." Yaciye agenda. Mumuhe Ijambo gusa, biba bihagije. Ntashobora kwihanganira rino Jambo, kubera rirahumetswe.

Kw'uyu mugoroba reka dutangure gusoma, ku kigabane c'indwi c'Igitabu c'Ivyakozwe n'Intumwa.

> *Umuherezi mukuru aramubaza, ati Mbeg' ivyo ni ko biri?*
>
> *Na we aramwishura, ati Yemwe Bene Data kandi ba Data, ni mwumve: Imana y'icubahiro Yiyeretse sogokuruza Aburahamu, ar' i Mesopotamiya, ataraja kugerera i Harani,*
>
> *Iramubarira, iti Vamu gihugu canyu no mu muryango wanyu, uje mu gihugu nzokwereka. Maz'ava mu gihugu c'i Bukaludaya, agerera i Harani. Se amaze gupfa, Iramwimura, Imuzana mur'iki gihugu mubamwo none.*
>
> *Ariko ntiyakimuhayemw' umwandu, naho hoba aho gushinga ikirenge; Isezerana kuzokimuha ngo kibe ishamvu yiwe n'iy' uruvyaro rwiwe, kand' ataragira umwana.*
>
> *Kand' Imana ivuga irtya, it' Uruvyaro rwawe ruzoba inyambukira mu kindi gihugu, bazobagira abaja, babagirire nabi imyaka amajana ane.*
>
> *Kand' ihanga rizobagira abaja ni Jewe nzoricirakw'iteka, Imana ni ko yagize, It' Arikw'amaherezo bazovayo, bansengere aha hantu.*
>
> *Maz' imuha isezerano ryo gukebwa. Nukw'avyara Isaka, amukeba ku munsi ugira umunani: Isaka avyara Yakobo, Yakobo avyara ba sogokuruza bakuru cumi na babiri.*

14 Twisunze hano hantu, twipfuza kuvuga ku mutwe w'icigwa, uwo nibaza ko ari wo mutwe w'icigwa uza kuranga uyu munsi, akaba ari…*Mpwemu Yera Ni Iki?* Ni iki? Kandi ubu rero, igituma nahisemwo gukurikiranya iyi mitwe y'icigwa gurtya, n'uko udashobora kuza ngo uronke Mpwemu Yera utazi ico ari co. Kandi nimba uzi ico ari, ntushobora kumuronka utizera yuko yatanzwe kubwawe, kandi yuko ari wewe yagenewe. Ikindi na co, ntushobora kumenya nimba umufise canke utamufise, utazi ingaruka azana. Rero nimwamenya ico ari co, n'uwo yagenewe uwo ari we, n'ibikorwa akora ivyo ari vyo iyo aje, aho rero muzoca mumenya ico muzoba mwaronse nimwamuronka. Murabona?

15 Ni nka kumwe namye mbwira Mwene Data Jefferies uyu munsi, yavuze ati: "Nari nipfuza kuba mu gikorane c'uyu mugoroba, ariko nzoza ejo ku mugoroba." Ntiyar'azi ko igikorane cariko kiraba, kubera ntitwagitangaje; cabaye ako kanya nyene. Bamwe muri…Mwene Data Leo hamwe na bo, bandikiye bamwe mu bagenzi bacu barabibabwira, hariya mu gisagara. Erega, ni kubera tudafise ikibanza gikwiye.

Ni ho naca mvuga nti: "Mwene Data Jefferies, hamwe wondungika gukoresha imashini ya rimwe mu

mariba yawe y'ibitoro, nanje nkaba ata na kimwe ndabiziko, nkeka noyiturira. Kumbure nozungurutsa urupfunguzo rutari rwo, canke nkatsa imoteri itari yo. Vyosaba ko menya ingene bikorwa imbere yo kubikora.

Ni nako bimeze ibijanye no kuronka Mpwemu Yera. Utegerezwa kumenya ico waje kurondera, n'ingene wokironka, n'ico ari co.

16 Twoshobora gufata amayinga cumi kandi ntitwokwigera tubiheza…kudonora gusa kuri uyu mutwe w'icigwa, ico Mpwemu Yera ari. Ariko ikintu ca mbere, ngomba ndavyinjiremwo cane buri mugoroba kugira ndabitomore neza, umugoroba ku wundi, nzoraba nimba hariho ibibazo.

Ni bangahe hano batararonka Mpwemu Yera, batarabatizwa na Mpwemu Yera? Duze ibiganza vyanyu, murazi ko mutarabatizwa na We. Nimurabe ivyo biganza.

Ngomba ndamuvugeko, ukuntu Mpwemu Yera ari Ikimenyetso, kubera ni Ikimenyetso. Turabona yu—yuko amasezerano yose twayahawe biciye…Aburahamu yari sogokuruza w'iryo sezerano, kuko Aburahamu ni we Imana yahaye isezerano, we n'Uruvyaro rwiwe hanyuma yiwe. Isezerano ryatanzwe ryari "kuri Aburahamu be n'Uruvyaro rwiwe." Nuko rero iki Kimenyetso kigenewe ihanga ry'isezerano.

17 Ubu rero, hariho itandukaniro rinini hagati y'Umukristo asanzwe be n'Umukristo yuzuye Mpwemu Yera. Rero, ibi tugira tubirabe mu Vyanditswe, tubibone vy'ukuri aho biri mu Vyanditswe. Ubwa mbere, hariho Umukristo yatura yuko ari Umukristo. Ariko nimba uwo Mukristo ataruzura Mpwemu Yera, aracari mu rukurikirane rwo kuba Umukristo gusa. Murabona? Yatura ko avyizera; ariko aratera abigana, ariko Imana ntiramuha Mpwemu, Mpwemu Yera. Ntarashika kuri iyo ntumbero hamwe n'Imana, yuko Imana yavyemeye.

18 Kuko, n'uko Imana yagiraniye isezerano na Aburahamu, inyuma yo kumuhamagara, ico na co kikaba ari ikigereranyo c'uguhamagarwa kw'uwizera uyu munsi.

Yarahamagaye Aburahamu, maze Aburahamu arasohoka ava mu gihugu ciwe aja mu gihugu c'inyambukira, kubana n'abantu b'inyambukira, ico na co kikaba cari ikigereranyo c'igihe Imana ihamagariye umuntu guhagarika ububisha bwiwe, yihane icaha ciwe. Aca ahindukira akava mw'isinzi yar'arimwo, akaja kuba mu rindi sinzi rishasha, hagati y'ubwoko bushasha bw'abantu.

Rero igihe Imana yabona yuko Aburahamu ari umwizigirwa kw'isezerano yari yamuhaye, yuko yoronse umwana, kandi ko biciye kur'uyo mwana isi yose yohawe umugisha, ni ho yaciye yemeza ukwizera kwiwe mu kumuha Ikimenyetso, ico Kimenyetso na co kwari ugukebwa. Ugukebwa na kwo kikaba ari ikigereranyo ca Mpwemu Yera.

Mu mirongo ikurikira nyene ya kino kigabane duhejeje gusoma mu kanya, nimba mushaka kuyandika. Kandi i…Sitefano yavuze gurtya, mu murongo ugira 51:

> *Yemwe abatagonda izosi…mwa ntakebwa mu mitima no mu matwi, na ntaryo murwanya Mpwemu Yera. Uko basogokuruza banyu bakora, ni ko namwe mukora.*

19 Ugukebwa ni ikigereranyo ca Mpwemu Yera. Rero Imana yahaye Aburahamu i—ikimenyetso co gukebwa amaze kwemera Imana kw'isezerano ryayo, maze agasohoka akaja mu gihugu c'amahanga. Murabona? Cari Ikimenyetso.

Rero abana biwe bose, uruvyaro rwiwe hanyuma yiwe, bǎtegerezwa kugira ico kimenyetso ku mibiri yabo, kubera ari co cerekana itandukaniro. Cari ico kubatandukanya n'abandi bantu bose, kino kimenyetso co gukebwa. Kandi ico ni co Imana ikoresha uyu munsi. Ni Ikimenyetso co gukebwa kw'umutima, Mpwemu Yera, ni We atuma Ishengero ry'Imana riba Ishengero ritandukanye n'izindi nemera zose, imyizerere n'amadini. Bari mu bwoko bwose bw'amadini, ariko bo ni abantu batandukanye.

20 Ureke gusa mvugane n'umuntu iminota ibiri, ndashobora kukubwira nimba yararonse Mpwemu Yera canke nimba ataramuronka; namwe ivyo murabishoboye. Birabatandukanya. Ni Ikidodo. Ni Ikimenyetso. Rero Mpwemu Yera ni Ikimenyetso. Kandi ni…

Umwana yanka ugukebwa mw'Isezerano rya Kera, ico na co kikaba cari igitutu c'imbere y'igihe ca Mpwemu Yera, yaca acibwa mu bantu. Ntiyoshoboye kugiranira isangira n'umuntu n'umwe wo mw'ikoraniro, hamwe yanse gukebwa. Ubu rero ivyo nimubishire kuri kino gihe. Umuntu yokwanka kwakira umubatizo wa Mpwemu Yera, ntashobora kugira isangira hagati y'abo bamufise. Ntimwoshobora kubikora. Mutegerezwa kuba kamere. Co kimwe, ni…

Mawe wanje yarakunda kuvuga ngo: "Inyoni zisangiye amubi zigurukira hamwe." Emwe, uwo ni umugani wa kera, ariko ni uw'ukuri. Ntushobora kubona inuma n'ibikona biriko birasangira. Bifise imfungurwa zitandukanye. Ingeso zavyo ziratandukanye. Ivyipfuzo vyazo biratandukanye.

Kandi rero, ukwo ni nako bimeze hagati y'ab'isi be n'Umukristo, igihe muba mwakebwe na Mpwemu

Yera, ivyo na vyo bikaba bisigura "gucacura ku mubiri."

21 Ugukebwa kwoshoboka gusa ku kigabo. Ariko igihe umugore yaba yabiriwe ku mugabo, yaba abaye igice ciwe, yaba abaye uwukebwe hamwe na we. Muribuka muri Timoteyo, hamwe hariya havuga ngo: "*Yamara azokizwa kubw'ukuvyara, niyashishikara kwizera no kugira urukundo no kwezwa, bifatanye no kudahugumba*."

Kano kanya rero, ugukebwa. Murazi igihe ntuze…Sara yatwenga mw'ihema inyuma ya wa Muntu, atwenze ubutumwa bwa Wa Mumarayika, hamwe yar'avuze ngo: "*Aburahamu*," kandi atar'amuzi, yari umushitsi, "*umugore wawe Sara ari hehe*?" Yamenye gute yuko yar'afise umugore?

Nka kumwe Yesu yavuga ati: "*Ukwo vyari biri mu gihe ca Loti, ni ko bizomera mu muzo wa Wa Mwana w'Umuntu.*" Mwibuke, ivyo bimenyetso ntivyakorekeye hariya epfo i Sodomu be n'i Gomora, mw'isi, hagati y'abanyamadini. Ariko vyari ivy'Abatoranijwe, abahamagariwe gusohoka. Aburahamu na we yari yarahamagariwe gusohoka. Rero ijambo ishengero risobanura "*abahamagariwe gusohoka; abitandukanije*," nka kurya Aburahamu yitandukanije hanyuma aca arakebwa.

Maze Sara na we atwenga ubutumwa nyene bw'uyo Mumarayika, Imana yategerezwa guca imwicira harya nyene; ariko ntaco Yari gushobora kumugira idahereye kuri Aburahamu, kubera harya bari umwe. Yari igice ciwe. "*Ntimukiri babiri, ariko mubaye umwe*."

22 Rero, ugukebwa, Mpwemu Yera ni We akeba imitima. Kandi ni Ikimenyetso, Ikimenyetso catanzwe.

Har'umuntu yavuze ejo bundi…ibi ndabisubiyemwo, atari kugira ntebure. Ni kubera ari ukuri, gusa vyumvikana nk'aho ari ugutebura. Nk'uko nkunze kubivuga, hano si ikibanza co guteburiramwo. Ariko hăriho Umudagi hariya mu Bice vyo mu Buseruko, hamwe duheruka kuja. Yararonse Mpwemu Yera. Hanyuma aca aramanuka mw'ibarabara, yarashobora gutambuka gato, maze agaca aduza ibiganza agaca avuga mu ndimi. Yarashobora guca yiruka, agasimba, agaca akoma induru. Rero ari ku kazi, ariko aza *nk'uku*, umukoresha wiwe aca amubaza ati: "Wamye hehe?" Uh-Uh. Ndakunda aho hantu mwamye. Aravuga ati: "Utegerezwa kuba wamye hiy'epfo muri wa mugwi w'inati."

Aravuga ati: "Bwa bundi wibanza ngo ni inati?"

Aravuga ati: "Ntankeka, ni ko bari."

Na we ati: "Emwe, Imana ihabwe icubahiro kubw'amanati." Aca yongera ko ati: "Urazi? Inati zifise igikorwa kidasanzwe." Avuga ati: "Nk'akarorero, imodoka, ukuyemwo inati zose, nta kindi usigarana atari ikirundo c'ivyuma." Rero ni hafi ikintu nk'ico.

23 Uhinduka uwutandukanye cane iyo Mpwemu Yera akujeko, gushika aho n'impwemu y'iyi si iba itakigukunda, baca bakurwanya, nta na kimwe bashaka ko muhurirako na gato. Uba wavukiye mu yindi Si. Uba uri ingenzi cane, ingenzi cane incuro cumi kuruta uko woba wagiye hiyo kure muri ya mashamba yo muri Afrika. Uhinduka uwutandukanye iyo Mpwemu Yera akujeko, kandi ni Ikimenyetso. Ni Ikidodo hagati y'abantu.

Ubu rero muravuga muti: "Yamara, Mwene Data Branham, ico Kimenyetso co gukebwa cari cahawe Aburahamu?" Uko ni ukuri. "Ni Uruvyaro rwiwe?" Egome. Neza cane.

24 Kano kanya, tugiye kuzingurura mu b'i Galatiya, ikigabane ca 3, umurongo wa 29, maze turabe ingene ivyo bidushikako natwe. Ab'i Galatiya 3:29, hanyuma turabe ukuntu ukugukebwa gushobora gushika ku Munyamahanga, nimba turi Abanyamahanga; kandi turi bo biciye ku kuvuka gusanzwe.

Ubu rero, ica mbere, nshaka gusoma umurongo wa 16.

> *Nuko Aburahamu ni we yasezeraniwe amasezerano, bo n'uruvyaro rwiwe.*

(Aburahamu bo n'uruvyaro rwiwe!)

> *Ntiyavuze, it' Imvyaro;…*

Nk'ubwoko bw'intuze gusa…muravuga muti: "Ôo, nanje ndi uruvyaro rwa Aburahamu." Oyaye. Ku "Ruvyaro," Uruvyaro rwa Aburahamu!

> *Ntiyavuze, it' Imvyaro;nk'uvuga benshi: yamara yavuze nk'uvuga umwe, kandi ku—kuri bo… N'Uruvyaro rwawe; ni rwo Kristo.*

Kristo ni We yari urwo ruvyaro rwa Aburahamu. Ivyo muravyizera? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." —Umw.] Neza cane, ubu reka dushike ku murongo wa 28 n'uwa 29.

> *Ntihashobora kuba Umuyuda cank' Umugiriki, ntihashobora kuba umugurano cank'uwidegemvya, ntihashobora kuba umugabo cank' umugore; kuko mwese mur' umwe*

*muri Kristo Yesu.*

*Ko mur' aba Kristo, mur' uruvyaro rwa Aburahamu, mur' abaragwa nk'uko vyasezeranywe.*

Ni gute tuba "Uruvyaro rwa Aburahamu"? Mu kuba muri Kristo, aho tuba turi Uruvyaro rwa Aburahamu. None urwo Ruvyaro rwa Aburahamu rwari iki? Gurtyo, dutegerezwa guca tuja mu Baroma 4 n'ahandi hatandukanye.

Aburahamu ntiyigeze ahabwa isezerano igihe yakebwa. Kugira vyerekane ko ukwo gukebwa cari igitutu gusa, yahawe isezerano imbere yuko akebwa. Rero cari ikigereranyo, co kwemerwa kw' ukwizera kwiwe yar'afise imbere yuko akebwa.

25 Nuko rero, igihe tuba turi muri Kristo, duhinduka uruvyaro rwa Aburahamu, kandi tukaba abaraganwa na Kristo, aho rero ntaco biba bivuze twaba turi Abayuda canke Abanyamahanga.

Kandi *urwo Ruvyaro rwa Aburahamu*, urwo Ruvyaro rwa Aburahamu rufise ukwizera kwa Aburahamu, we yafatiye Imana kw'Ijambo ryayo. Hatarinze kurabwa ukuntu biboneka nk'ibimaramaje, ukuntu binyuranye n'uko wahora wifata, ingene bikugira uw'umwihariko, ufatira Imana kw'Ijambo ryayo utarinze kwitaho ikintu na kimwe.

Aburahamu amaze imyaka mirongo irindwi n'itanu, Sara na we mirongo itandatu n'itanu, bafatiye Imana kw'Ijambo ryayo, maze ibintu vyose binyuranye na Ryo bafata yuko bitari binabaho. Mwiyumvira yuko abaganga ba kirya gihe biyumviriye iki? Mwibaza ko abantu biyumviriye iki, igihe babona umutama w'imyaka mirongo irindwi n'itanu, agenda ashima Imana kubera ngo yar'agiye "kuronka umwana" biciye ku mugore wiwe, kandi na we akaba yar'afise imyaka mirongo itandatu n'itanu, yaramaze no kurenza imyaka yo guca imvyaro? Ariko murabona, ukwo kwizera kwa Aburahamu, gutuma uba uwutangaje.

26 Rero iyo ukebwe na Mpwemu Yera, ivyo nyene ni vyo agukorera. Atuma ukora ibintu utahora wiyumvira yuko wokoze. Atuma ufata isezerano ry'Imana, maze ukayizera.

Ubu na ho, iciyongeyeko c'uko ari i—isezerano be n'Ikimenyetso, ni Ikidodo. Kano kanya hamwe mwojana nanje mu Baroma...Ubwa mbere, ngomba ko mujana nanje mu Banyefeso 4:30, maze reka tuhasome gato. Abanyefeso 4:30 ni ho habivuga. Ubu, murafise abantu benshi cane bavuga ibintu bitandukanye ngo ni ibidodo. "Ugiye mw'ishengero, uca ugira ikidodo c'iryo shengero." Abandi bantu na bo bavuga ngo: "Ni kuziririza umunsi kanaka, umunsi w'isabato, ico ni co—ico ni co kidodo c'Imana." Bamwe muri bo bavuga bati: "Hamwe dushize abanywanyi bacu mw'idini runaka, tuba tudomwekw'ikimenyetso mu Bwami bw'Imana."

Yamara, Bibiliya yo yavuze iti: Ijambo ryose ry'umuntu niribe ikinyoma, iry'Imana abe ari ryo riba Ukuri."

27 Kano kanya rero, Abanyefeso 4:30 tuhasoma bino:

*Kandi ntimukababaze Mpwemu Yera w'Imana, yabashiriweko kuba Ikidodo, gushitsa ku munsi wo gucungurwa.*

[Bibiliya y'Icongereza y'Umwami Yakobo. —Umus.]

Ngiye gutegerezwa gushikira igice kigumye gato c'ibi kano kanya, mu mwanya uri imbere. Rero mwebwe mwebwe Bene Data b'abanyavyagezwe, nimugume hamwe gato. Murabona? Mbega mwabonye umwanya ico Kidodo kimara? Si gushika ku muvyuro ukurikira, gushika igihe gikurikira aho hazoba hari ikitagenda neza. "Gushika ku munsi wo gucungurwa," ico ni co gihe mumara mudomweko Ikidodo."Gushika ku munsi wo gucungurwa kwanyu," igihe muzoba mucunguwe mukaduganwa kubana n'Imana, ico ni co gihe Mpwemu Yera amara abadomyeko ikidodo. Atari gushika ku wundi muvyuro; ariko ni kuva mu Bihe Bidashira gushitsa mu Bihe Bidashira, muba mudomweko Ikidodo na Mpwemu Yera.

Ico ni co Mpwemu Yera ari, ni Ikidodo c'Imana, cerekana yuko yaronse…yuko wagiriwe ubuntu mu nyonga zayo, yuko igukunda, kandi ko ikwizeye, nuko igaca igushirako ikidodo cayo. Ikidodo ni iki? Buri wese…Erega, ikidodo cerekanaka canke gisigura "igikorwa caherehejwe." Amen. Imana iba yakurokoye, ikakweza, ikagutyorora, ikakugirira ubuntu, maze igaca ikudomakw' Ikidodo. Iba Irangije. Uba uri ubutunzi bwayo gushika ku munsi wo gucungurwa kwawe. Ikidodo ni "ikintu caherahejwe."

Mpwemu Yera ni iki? Ni Ikimenyetso. Ivyo tuzobishikako ikindi gihe, mu bundi Butumwa, ca Kimenyetso Paulo yavuga. Indimi cari ikimenyetso ku bizera, nako, ku batizera.

28 Ubu rero, nimwitegereze, ariko, muri ibi, Mpwemu Yera ni Ikimenyetso. Nshaka kuvuga…Kandi Mpwemu Yera ni Ikidodo. Ni Ikimenyetso Imana yahaye abana bayo yahisemwo. Kucanka, ni gucibwa mu bantu; kucemera, ni kurangiza n'isi be n'ivyayo vyose, hanyuma ukaba ikintu Imana yadomyeko ikidodo co kucemeza.

Narigeze gukora mw'ibarabara ry'indarayi aho hiyo hamwe na Harry Waterberry, rero twarashobora kumanuka gupakira amabehewa. Murumunanje Doc, uriya ahagaze hariya inyuma, yafasha mu gupakira amabehewa. Igihe imodoka iba iriko irapakirwa, barayisuzuma, umugenduzi asanze hari ahantu hasamaye, hari icohakorokera kikameneka, canke icokwononekara; iyo modoka ntiyaba akiyidomyekw' ikidodo gushika ipakiwe neza, gushika ipakiwe neza mu rutonde kuva hasi, ku buryo ukwiceka mu nzira ata kintu na kimwe kuza kwonona mu bipakiwemwo.

29 Iyo ni yo ngorane ituma tutadomwako ikidodo cane; turasamara cane mu bintu. Iyo Umugenduzi aje, kugira asuzume ubuzima bwanyu, kugira arabe ko utari sindabibazwa mu bintu, sindabibazwa gato mu buzima bwawe bw'amasengesho, sindabibazwa muri rya shavu, sindabibazwa kuri rwa rurimi, mu gusakuza ku bandi, iyo modoka ntazokwigera ayidomako Ikidodo.

Ariko iyo asanze ikintu cose kiri mu kibanza caco, uwo Mugenduzi, ubwo nyene aca ayidomakw' Ikidodo. Ntihagire umuntu n'umwe yubahuka kwugurura ico Kidodo gushika iyo modoka ishitse kw'ishikiro aho yadomeweko ico Kidodo! Ni ivyo rero. "*Ntimugakore ku basizwe amavuta banje; ntihagire ikintu kibi mukorera abavugishwa banje. Kubera ndababwira yuko vyokubera vyiza kuboherwako urusyo kw'izosi maze ugatererwa ibwina mu kiyaga, hako wogerageza kubangamira canke kubuza amahoro, na buhoro-buhoro, umuto muri abo badomweko Ikidodo*." Murabona ico bisigura?

30 Ico ni co Mpwemu Yera ari. Ni ugushira amanga kwawe. Ni inkinzo yawe. Ni Icabona cawe. Ni Ikidodo cawe. Ni Ikimenyetso cawe, bisigura ngo: "Ndi mu nzira ngana mw'Ijuru. Sinitayeho ivyo umurwanizi avuga! Ndiko ngana mw'Ijuru. Kuber'iki? Yarandomyeko Ikidodo.Yaramumpaye. Yarandomyeko Ikidodo mu Bwami bwayo, none ndi mu nzira ngana mu Bwiza! Ibihuhusi nibishake bihuhute, Satani nakore ivyo ashaka gukora vyose. Imana yaramaze kundomako Ikidodo gushika mu munsi wo gucungurwa kwanje." Amen! Ico ni co Mpwemu Yera ari. Ôo, mwategerezwa kumushaka. Sinoshobora kubandanya ntamufise. Vyinshi vyoshobora kuvugwa hano, ariko ndazi neza murazi ico ndiko ndavugako.

31 Uba na ho kandi, reka tuzingurure muri Yohana 14, akanya gato. Gusa ndakunda Ijambo! Ni Ukuri. Rero, Mpwemu w'Imana, Mpwemu Yera, ni iki Mpwemu Yera? Ni Mpwemu wa Kristo muri mwebwe. Kano kanya, imbere yuko dusoma, nari nipfuza kugira amajambo makeya mvuga hano. Mpwemu Yera ni iki? Ni Ikidodo. Mpwemu Yera ni iki? Ni Isezerano. Mpwemu Yera ni iki? Ni Ikimenyetso. Mpwemu Yera ni iki koko? Ni…Mpwemu wa Yesu Kristo muri wewe. Murabona? "*Hasigaye igihe gito*,..." ni ko Yesu yavuze, "*ab'isi ntibabe bakimbona, ariko mweho muzombona; kuko nzoba ndi kumwe namwe, no muri mwebwe, gushitsa ku muhero w'isi*."

32 Mpwemu w'Imana mw'Ishengero! Ivyo rero ni kubera iki? Ivyo Yabikoreye iki? Aka gace gato ni kubw'umutwe w'icigwa w'ejo ku mugoroba. Ariko none Yabikoze kubera iki? Kubera iki yo, kubera iki Mpwemu Yera yagize…Ni iki, Yaje gukora iki? Yaje muri mwebwe gukora iki, yaje muri jewe gukora iki? Kwarickugira ngo abandanye ibikorwa vy'Imana.

"*Namye na ntaryo nkora ibihimbara Data. Kuko Ntakuwe mw'Ijuru no gukora ivyo nigombera, ariko nazanywe no gukora ivyo Data yantumye agomba. Kandi uwo Data yantumye, ari kumwe nanje; rero nk'uko Data yantumye, namwe ndabatumye.*" Ôo, bagenzi! [Mwene Data Branham avugije intoke ziwe kabiri. —Umw.] Uwo Data yamutumye, yaciye yinjira muri We ajana na We. Data yarungitse Yesu yinjiye muri We, akorera muri We.

Yesu na We abarungitse, aca ajana namwe kandi akaba ari muri mwebwe. Rero nimba Mpwemu yaba muri Kristo Kristo yamutumye akora akongera akifata kurya yabikora, muca muronka iciyumviro rusangi c'ingene azokora niyashika muri mwebwe, kubera ubwo Bugingo ntibushobora guhinduka. Buzohanahanwa buva mu mubiri umwe buja mu wundi, ariko ntibushobora guhindura kamere yabwo, kubera bwo ni Imana.

33 Ubu rero, muri Yohana 14, reka gusa dusome gato, duhereye ku murongo wa 10.

> *Ntiwizeye…ko Jewe ndi muri Data, na Data ari muri Jewe? Ibikorwa…Amajambo mbabwira s'ayo nigeneye, ariko Data aba muri Jewe ni We akora ibikorwa vyiwe.*

(Mwiyumvire kur'ivyo.)

> *Nimunyizere ko ndi muri Data, na Data ari muri Jewe, bibuze, mupfe kwizera kubw'ibikorwa ubwavyo.*
>
> *N'ukuri, n'ukuri ndababwire: Unyizera, ibikorwa Jewe nkora…na we azobikora: kand' azokora ibibiruta, kuko Jewe ngiye kwa Data.*

Ntimubona none? Mwabonye ingene avuze ng'aha? Rero, nimwitegereze bino, ingene biza. Ngira nsome imbere gato. Tugiye gusoma hepfo amaja ku murongo wa wa 20.

"*Ico muzosaba cose mw'I…*" Reka turabe, nari mfise i…Egome. Uh-Uh. Vyiza.

> *Kand' ico muzosaba cose mw'Izina ryanje nzogikora, kugira ngo Se ashimagizwe mu*

*Mwana.*

*Nimwagira ico musaba mw'Izina ryanje, nzogikora.*

*Nimwankunda, muzokwitondera ivyagezwe vyanje, nanje nzosaba Data, na We azobaha Uwundi Mwitsa, ngw' az' abane namwe Ibihe Bidashira,*

*ni We Mpwemu w'Ukuri, Uwo ab' isi badashobora kwakira, kuko batamubona, kandi batamuzi; mweho muramuzi, kukw'abana namwe kand' azoba muri mwebwe.*

34 None rero Uwo Mpwemu Yera ni nde? Mpwemu Yera ni iki? Ni Kristo muri mwebwe. Umwitsa, ni Uyo Mpwemu Yera. "*Kandi Umwitsa niyaza, azokora bimwe nyene nakoze igihe Uwo Mwitsa ari muri Jewe. Nzosaba Data, na We azobarungikira Uwo Mwitsa. Muza mumuzi Uwo Mwitsa. Ab'isi ntibamuzi, kandi ntibazokwigera banamumenya. Ariko mweho muramuzi kubera ubu abana namwe*," ni Yesu ariko aravuga, "*kandi azoba no muri mwebwe.*" Ng'ivyo rero, Uwo ni We Mwitsa, "*Azoba no muri mwebwe*."

*Sinzobasiga nk'impfuvyi, nzoza kuri mwebwe.*

"*Sinzo*…" Ubu rero, Uwo ni We Mwitsa, Kristo. Ico ni co Mpwemu Yera ari, ni Kristo.

*Hasigaye igihe gito ab'isi ntibabe bakimbona, ariko mweho muzombona; kuko ndiho namwe mu…zobaho.*

Ôo, twoshobora kubandanya tukongera tugakomeza; ariko reka mubimenye. We ni iki? Ni Ikidodo. Ni Ikimenyetso. Ni Umwitsa. Mbega murabona ivyo ari vyose? Uruvyaro rwa Aburahamu ruragwa Uwo.

35 Kano kanya reka twongere tubone i—ikindi Umwitsa ari. Reka tuje muri 1 Yohana 16:7, tubone nimba atari n'Umushingwamanza. Murazi ico ari co umushingwamanza? Akora igikorwa co kukuburanira. Turafise Umushingwamanza. Ivyo turabizi. 1 Yohana ikigabane ca 16…Ôo, hinge gato, murantunga. Ni muri Yohana Mweranda 16:7. Murantunga. Vy'ukuri muntunge kubona navuze ukwo. Ni je nasomye nabi…dufate 16:7.

*Ariko Jewe ndababwira ukuri: Ikizogira ico kibamarira, n'uko Jewe ngenda; kuko nintagenda, Umwitsa ntazoza kuri mwebwe: ariko ninagenda nzomubarungikira.*

*Uwo niyaza, azohinyuza ab' isi, abemeze ivy'icaha, n'ivy' ukugororoka, n'ivy' amateka;*

*ivy' icaha, kuko batanyizeye, ivy' ukugororoka, kuko nja kwa Data, kandi namwe muzoba mutakimbona, ivy' amateka, kuk' umwami w'iyi si yaciriwekw' iteka.*

36 Bagenzi! Kano kanya, uwo Mushingwamanza tumurabe mu—muri 1 Yohana 2:12. Reka ivyo tubisome gato, 1 Yohana 2:12. Ndasavye mumbabarire, 1 Yohana…1 gushika kuri 2, ni aho. Nari navyanditse hano, 1 Yohana 2:1 gushika kuri 2.

*Bana banje bato, mbandikiye ivyo kugira ngo ntimukore icaha. Kandi ni hagira umuntu akora icaha, dufise Umushingwamanza kuri Data wa twese, ni Yesu Kristo wa Mugororotsi.*

[Bibiliya y'Icongereza y'Umwami Yakobo—Umus.]

Uwo Mushingwamanza ni nde? Yesu Kristo wa Mugororotsi.

*kand' Uwo ni We—Uwo ni We mpongano y'ivyaha vyacu, mugabo s'iy' ivyacu twenyene, ariko n'iy' ivy'abari mw'isi bose.*

Mpwemu Yera ni iki? Ni Umushingwamanza. Ni iki umu…Umushingwamanza ni iki? Akora iki? Akora igikorwa co kuburanira. Agira imbabazi. We, ahagarara mu kibanza cawe. We, akora ivyo wewe udashoboye gukora. We, ni—ni We mpongano y'ivyaha vyawe. Ni We kugororoka kwawe. Ni We gukira kwawe. Ni We Buzima bwawe. Ni We kuzuka kwawe. Ari vyose ivyo Imana igufitiye. Ni Umushingwamanza.

37 Ese ukuntu twoshobora kwinjira mw'ido n'ido hamwe n'ivyo maze tukabisesangura, hamwe n'ukuntu atu—atuvugira kubw'ukutamenya kwacu. Rimwe na rimwe iyo i…turaronka Mpwemu Yera, maze mu kutamenya tukisanga twitaye mu kintu kanaka. Mpwemu Yera ari aho kugira atuburanire. Ni We Mushingwamanza wacu. Ahagarara mu ntuze yacu…Ni We Muserukizi wacu. Ahagarara mur'ico kibanza maze akatuburanira. Mpwemu Yera ni We atanga ubushobozi bwo kwisigura, rimwe na rimwe n'amajambo udashobora gutahura, akora igikorwa c'ubuvugizi kubwacu. Ico ni co Mpwemu Yera ari.

Iyo hagize ibintu njamwo, nge—ngenda nk'umwana muto; mugenda nk'abana bato. Twebwe, turiko tugendera mw'isi y'umwijima yuzuyemwo abansi, yuzuyemwo icaha, yuzuyemwo imitego, yuzuyemwo ibintu vyinshi.

Uravuga uti: "Ôo, ndatinya. Ndatinya kubaho ubuzima bw'Umukristo. Jewe,ndatinya gukora ibi. Ndatinya ko nzohava nkora ibi."

Ntutinye. Turafise Umushingwamanza. Amen. Ôo, ahagararana natwe. Ari muri twebwe, kandi akora igikorwa co kutuvugira. Mpwemu Yera akora adahengeshanya, akora ubudahengeshanya igikorwa co kutuburanira, umwanya wose.

Ni We Mushingwamanza wacu. Ôo, mbega ukuntu dushima Imana kubw'ivyo! Ikidodo, Ikimenyetso, Mpwemu w'Ubugingo, Imana yo mw'Ijuru, Umwitsa, Ubugingo, Umushingwamanza. Ari iki? Ôo, bagenzi! Twoshobora kubibandanya amasaha n'amasaha. Ubu rero, tugira duhindure gato.

38 Tugomba tubaze kano kanya…

Twaramusezeraniwe mu minsi y'iherezo! Uyu Mushingwamanza, Ikidodo, Isezerano, ikintu cose twamuvuzeko kw'uyu mugoroba, hamwe n'incuro zirenga ibihumbi cumi, yagizwe Isezerano kuri twebwe mu gihe c'iherezo.

Ntibari bamufise kiriya gihe. Bari bafise ikidodo ku mibiri yabo, nk'ikimenyetso kivyerekana, bizera yuko yari agiye kuzoza, nuko bo bagendera mu gitutu c'ivyagezwe. Muri vyo, bari barakebwe ku mubiri.

Uyu munsi, ntitugendera mu gitutu c'ivyagezwe. Tugendera mu Bushobozi bw'izuka. Tugendera mu Bushobozi bwa Mpwemu, uwo akaba ari We Kidodo cacu c'ukuri, Umushingwamanza wacu w'ukuri, Umwitsa wacu w'ukuri, Ikimenyetso cacu c'ukuri cerekana yuko twavukiye hiyo Hakurya; abantu b'umwihariko, b'ingenzi, bifata ukuntu gutangaje, bafatira Imana kw'Ijambo ryayo, ibindi bisigaye vyose bakavyita ibinyoma. Ijambo ry'Imana ni ryo Kuri. Ivyo ni…Ôo, bagenzi! Ico ni co Mpwemu Yera ari.

39 Mbega muramushaka? Mwoba mwipfuza kumugira [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." —Umw.] Hinge turabe nimba yarasezeranywe.

Kano kanya, hinge dusubire inyuma hariya muri Yesaya, mu Gitabu ca Yesaya. Reka tuje ku kigabane ca 28 ca Yesaya. Ubu tugiye kuja muri Yesaya 28, maze duce duhera gusoma amaja ku…Reka dufate umurongo w'8, turabe ico Yesaya yavuze, imyaka amajana indwi na cumi n'ibiri imbere yuko aza.

Twoshobora kubivugako vyinshi, tugasubira inyuma, gushika mu ntango, ariko reka gusa duhere hano tubone nimba yarasezeraniwe Ishengero. Ni ikihe gihe vyari vyitezwe ko yojemwo? Mu minsi y'iherezo, igihe hoba habayeho u—ukwononekara. Ubu rero mwibuke, iryo jambo riri muri bwinshi, "iminsi," ya minsi ibiri y'iherezo, ya myaka ibihumbi bibiri y'iherezo.

Ubu rero kano kanya ku murongo w'8.

*Kukw'amezi yose yuzuyeko…ibirutsi n'ishishi, ata hantu hagisigaye.*

Rondera hirya no hino turabe ko uharonka. Nimwitegereze hirya no hino maze murabe nimba ico gihe ari co tubayemwo. "*ameza yose!*" Erega, baragenda ku Meza y'Umwami, ubwa mbere bwobwo, ibijanye n'ivyo bakoresha, bafata umukate usanzwe canke ibisuguti birimwo isukari, ibintu nk'ivyo bikaba ari vyo bamanyagura kugira bagire Ingaburo Yera. Mu gihe vyategerezwa gukorwa n'ibiganza vy'umuntu afise Mpwemu Yera, hamwe n'umutsima utambiwe. Kristo ntacafuye canke ngo abe yanduye, kandi ivyo na vyo ni We bigereranya.

Ikindi na co, iyo Ngaburo Yera bayihako abantu bakinywa inzoga, babesha, biba, banywa itabi, b'ingeso mbi, (aah!) ibintu bitagira insiguro, kimwe gusa bapfe kuba ari abanywanyi b'ishengero. Biragahera! Hagize umuntu ahirahira akayifata, igihe tuba turiko turayifata hano, aba ariko yikwegera kandi anywa urubanza rwiwe, kubera ntatahura Umubiri w'Umwami. Nimba atabayeho ubuzima bubereye, navyigirwe kure.

Kandi na ho rero utayifashe, vyerekana yuko gatimanama kawe gafise ikintu kikagiriza. "*Uwutayiriyeko, ntaco aba asangiye nanje*," ivyo ni Yesu yabivuze.

40 Ariko ameze yose y'Umwami yuzuyeko ishishi. Nta hantu hejejwe hagisigaye. Mwumvirize, nimba ibi bidatanga ishusho y'uyu munsi!

*Uwo azokwigisha ubwenge ni nde? Ninde azotahuza…azotahuza inyigisho?...ninde azotahura ubwenge?...ninde azotahuza inyigisho?...*

"Emwe, Imana ishimwe, ndi Umuperesipiteriyano. Ndi Umumetodiste. Ndi Umupentekote. Ndi Umunazarayo. Ndi Ingenzi y'Ubweranda." Ivyo nta kintu na kimwe bisigura ku Mana; iyindi meza gusa.

41 *…ninde nzokwigisha inyigisho?...*

Inyigisho bwoko ki; y'Ikimetodiste, y'Ikibatiste, y'Igiperesipiteriyano, y'Igipentekote? Inyigisho ya Bibiliya!

*…ninde nzokwigisha inyigisho?...*

Ni gute umenya ko wamuronse? Ivyo tuzovyinjiramwo kuwa Gatanu ku mugoroba. Murabona?

*…ninde nzokwigisha inyigisho?*

(kano kanya mwitegereze)

*Mbega n'abacutse n'abavuye kw'ibere?*

Abana bato bavuga ngo: "Erega, jewe ninjirira muri iryo shengero, kuko mawe n'uwo muri ryo." Mwene Data mukundwa, ivyo ntaco mfise ndabinegurako. Kandi ndazi yuko ibi biriko birafatwa amajwi. Ivyo ni vyiza cane, kuba mw'ishengero rya nyoko wawe. Ariko umva, nyoko wawe yagendeye mu muco umwe, nawe uriko ugendera mu wundi.

Luther yagendeye mu muco umwe; Wesley na we yagendeye mu wundi. Wesley yagendeye mu muco umwe; Abapentekote bagendeye mu wundi. Ariko twebwe turiko tugendera mu wuri hejuru cane y'uwo kino gihe. Kandi nimba hariho urundi runganwe ruzokurikira, ruzoba ruri hejuru yacu.

42 Dusubiye mu bihe vyo mu ntango, igihe vyari bicagutse, inzira yâgutse, Luther yigishije ugutsindanishirizwa kubwo kwizera. Ivyo kwari gukura abantu mu vy'Igikatolika gusa baja mu vy'Igiporoti, mw'isangira hirya no hino y'Ijambo. Ugutsindanishirizwa kubwo kwizera, ico cari ikirere cagutse. Ivyo ntibigeze biyunguruza ngo babivemwo.

Haciye igihe, haza irindi kanguro ryĭtwa John Wesley. Ryarabanyigangirije mw'ivyo bintu, rirabibakuramwo ribinjiza mu kwezwa, kubaho ubuzima bwiza, butyoroye, ubuzima bweranda, bwejejwe n'Ijambo ry'Imana, biha imitima yanyu umunezero. Iryo kanguro ryaranyigangije igice kinini c'inyigisho y'Ikiluteri.

43 Haheze igihe, haza Abapentekote báfise umubatizo wa Mpwemu Yera, ca gice cagutse kibandanya kwaga, mu kwakira umubatizo wa Mpwemu Yera. Ukwo ni ukuri.

Kandi ubu na ho vyongeye kwaga. Hamwe n'ingabire, n'ukugarukanwa, na Mpwemu w'Imana vyajemwo, mu kunengesera kw'ibimenyetso n'utwumiza, mw'Ishengero, vyanyigangije Abapentekote. Ni iki? Turegereje cane Ukugaruka kw'Umwami Yesu, gushika y'aho umwe Mpwemu nyene yari muri We ariko akorera mw'Ishengero, akora vya bindi nyene yakoze igihe yari hano kw'isi. Ntivyari bwigere biba na hamwe, uhereye hariya inyuma ku gihe c'Intumwa gushika kino gihe.

Kubera iki? Murabona, biragutse; bica bitangura kugenda vyaga, bikaga, bikongera bikaga. Ni iki? Ni nka kurya ikiganza cawe kiba kiriko kiregereza ku gitutu caco; igitutu, igitutu, igitutu. Ariko ni iki? Ni ishusho. Luther yari iki? Yari ishusho ya Kristo. Wesley yari iki? Yari ishusho ya Kristo.

Nimwitegereze, igihe ca Billy Sunday caramaze guhera. Wa wundi munsi, mutama Dogiteri Whitney, yarigishije aha nyene kuri iki gicaniro, rya shure rya nyuma mu mashure ya kera, ndibaza yitavye Imana ku myaka mirongo icenda. Billy Sunday yari umunyamuvyuro ku mashengero asanzwe mu gihe ciwe. We ntiyafyinata; yarahagarara agasemerera ati: "Yemwe Bametodiste, nimuze ng'aha mwiyuzuze, namwe bavugabutumwa n'abandi mwese! Ababatiste mwese nimuze mwiyuzuze! Namwe Baperesipiteriyano!" We nta mifyino yagira. Yari Billy Graham w'igihe ciwe.

44 Nimwihweze neza. None rero, mur'ico gihe nyene ishengero risanzwe ryariko riraronka umuvyuro waryo, habaye iki? Ubutumwa Bwiza bwuzuye bwari bwaronse umuvyuro. Aho ni ho hazananye ba Mwene Data Bosworth, Smith Wigglesworth, na Dogiteri Price, Aimee McPherson, abo bose.

Nimurabe. Smith Wigglesworth yapfuye mw'ijoro rimwe. Dogiteri Price apfa mu ryakurikiye. Mu masaha mirongo ibiri n'ane nari namaze gushika ku rubuga.

Ubu nanje iherezo ryanje riregereje. Nimwitegereze i…Ntimucumva cane ivya Billy Graham. Ntimucumva cane ivya Oral Roberts. Ndabona ibikorane vyanje biriko biragabanura umurindi. Ni igiki kitagenda neza? Turi kw'iherezo, ikindi gihe.

Ni gute Billy Sunday yaje, be n'abo bandi? Băje neza na neza inyuma ya rya kanguro rihambaye rya Moody. Moody yaje ryari? Neza na neza inyuma y'ikanguro rya Knox. Knox yaje ryari? Neza na neza inyuma y'ikanguro rya Finney. Finney yakurikiye Calvin, Calvin inyuma ya…Rero, Wesley, Wesley aza inyuma ya Luther. Baza uko igihe kigenda gikurikirana. Ikanguro ripfa kurangira, Imana ica ihagurutsa uwundi muntu, igaca itanga Umuco mwinshi birushirije; bikabandanya mw'ubwo buryo.

45 Ubu na ho turi kw'iherezo rya kino gihe. Umuntu wese, ku mpera y'ikorosi ryiwe, yaba yiteze Ukugaruka kwa Kristo, ariko bari bagifise ibintu vyinshi vyo kurindira; ukugaruka kw'Abayuda, ibisahani biguruka mu kirere, ivyo bintu vyose tubona kino gihe. Ariko tweho turi kw'iherezo. Aho ni ho turi.

Bari bazi yuko Ishengero ryategerezwa kuronka Ubushobozi bwokoreye muri ryo vya bikorwa nyene vya Kristo, kuko nka kumwe bimeze ku gitutu kibandanya kigabanuka, kikaganuka, kikabandanya

cerekana ishusho birushirije.

Nimufate igitutu. Ukwo igitutu kirushiriza kuba kiri kure, ni ko kiza gutanga ishusho idatomoye. Mu gihe kanaka, igitutu gitangura kwegereza, gushik'aho igiti n'igitutu caco biba kimwe.

46 Ubu rero, Mpwemu w'Imana yakoreye musi y'ugutsindanishirizwa, kuri Luther; ukwezwa kuri Wesley; umubatizo wa Mpwemu Yera, mu Bapentekote; maze hano na ho ari mu gihe c'iherezo, ashitsa yongera akora vya bintu nyene yakoze igihe yari muri Kristo. Ni iki? Ishengero na Kristo vyahindutse Umwe.

Kandi niryamara kurumana na We, muri ya ngoyi ya nyuma, rizoca riguruka rirenge ibicu, rivuza impundu. Hazobanza kuza Wesley, Luther, n'abandi bose bo mw'ivyo bihe vyaheze: "*uwa mbere azoba uwa nyuma, uwa nyuma na we azoba uwa mbere*," nuko izuka rizoba ribaye.

Turi mu gihe c'iherezo. Nimwumve, ivyo ni vyo Mpwemu Yera akora. Mpwemu Yera, biciye mu gutsindanishirizwa, murabona, habonetse igitutu c'umuco wiwe; Mpwemu Yera mu kwezwa, haboneka igitutu ciwe cegereye gato; Mpwemu Yera, biciye mu mubatizo wiwe, igitutu kiba icegereye birushirije; ubu rero Mpwemu Yera, biciye mu kugarukanwa kwa Wa Muperesona wiwe nyene, ari hano akora ibimenyetso n'utwumiza nka kumwe yabikora mu ntango. Ya!ya!ya! Ubwiza! Nimushake munyite "umweranda yikumbagaza," ukwo biri kwose, vyobabera vyiza mutanguye n'ubu nyene.

47 Nimwumvirize bene Data, nimwumvirize bino.

*…ameza yose yuzuye ibirutsi…nta hantu hakiriho.*

*Ninde azokwigisha ubwenge?...ninde azomenyesha, amutahuze inyigisho? N'abacutse n'abavuye kw'ibere.*

Atari inzoya; inzoya z'Igiperesipiteriyano, inzoya z'Ikimetodiste, inzoya z'Ikiluteri, inzoya z'Ikinazarayo. Arondera umuntu ashaka kuva ku maberebere maze afungure imfungurwa zigumye. Ng'ibi biraje:

*Kukw'ivyiwe ar' ibwirizwaku rindi, ibwirizwa ku rindi, n'umurongo ku wundi, umurongo ku wundi, hamwe tumwe, ahandi utundi.*

*Noneho rer'Uhoraho azovuganira n'ubu bwoko mu kanwa katumvikana no mu rurimi rundi; ari bwo yari yarabariye, at' Uku ni kwo kuruhuka, mureke urushe aruhuke; aha ni ho buruhukiro: ariko banka kwumva.*

Mpwemu Yera, nimba uku atari ko yaje ku Munsi wa Pentekote, yari Yavugishijweko imyaka amajana indwi na cumi n'ibiri imbere yuko aza! Aho ku Munsi wa Pentekote, yaje neza na neza ukwo nyene.

48 Umuntu umwe yavuze ngo: "Kuziririza umunsi w'isabato." Sindiko ndigizayo canke ngo nsuzugure ishengero ry'umuntu n'umwe canke idini. Ariko yavuze ngo: "Umunsi w'isabato, isabato y'Imana ni wo wari umunsi w'uburuhukiro."

Uyu ni wo munsi w'uburuhukiro. [Mwene Data Branham afashe Bibiliya yiwe. —Umw.] "Ubu ni bwo buruhukiro," Yavuze ati: "*Mureke urushe aruhuke*." Ni ivyo rero. Amen! "*Bizoba ar' ibwirizwa ku rindi, ibwirizwa ku rindi, n'umurongo ku wundi, umurongo ku wundi*." Ubu ni bwo buruhukiro. Mpwemu Yera ni iki? Uburuhukiro. Ȏo!

*Nimuze kuri Jewe mwese abananiwe n'abaremerewe, ndabaruhura.*

We ni iki? Ni Umwe akuzamwo, akaguha amahoro; Ikimenyetso cawe, Umwitsa wawe; urītswa, ku buruhukiro, uba wadomweko Ikidodo.

Ni Ikimenyetso; isi iramenya ko hari ikintu kanaka cakubayeko. We ni iki? Ni Umwitsa. We ni iki? Ikidodo. Uba uri mu buruhukiro. Ufise…Ni Umushingwamanza wawe. Hamwe, wewe, hagize ikintu kanaka kigushikira, ng'aho haba hariho Ikintu gica kikuvburanira aho nyene vyihuta, murabona, gikora igikorwa c'ubuvugizi. Ni Mpwemu w'Imana aba mw'Ishengero, Umwe yavugishwa neza na neza ico yobaye ari iyo aje. Yobaye ari uburuhukiro bw'Ibihe Bidashira, buhoraho.

49 Imana yararemye isi. Mu Baheburayo, ku kigabane kigira 4. "*Imana yaremye isi, maze iruhuka ku munsi ugira indwi.*" Ukwo ni ukuri.

Umunsi ugira umunani waca ugaruka, musi…Ivyo yabihaye Abayuda nk'isezerano, mu kiringo kanaka c'igihe. Ukwo ni ukuri. Ariko baragenda bakaruhuka umunsi umwe; bakagaruka, umunsi wa mbere w'iyinga, bagaca bongera bagatangura gushasha, bagaca batangura. Ukwo si ko kuruhuka Imana yavuze.

Igihe Imana yarema isi mu minsi itandatu, igihe yaruhuka, yaruhutse uhereye ubwo. Ukwo ni ukuri. Ivyo birangiza ikibazo. Ntiyagarutse ku munsi ugira umunani ngo itangure kandi. Cari igitutu gusa.

Nuko rero, ico cari ikigereranyo, nk'ukwezi n'izuba; ariko iyo izuba riserutse, ntituba tugikeneye ukwezi. Ubu rero ibi muvyihweze neza, ôo, mu Vyahishuriwe Yohana 11, "*Umugore afise ukwezi musi y'ibirenge vyiwe, izuba na ryo riri ku mutwe wiwe.*" Ôo, twoshobora kugendagenda muri Bibiliya, uhereye ku gifuniko ca mbere gushika ku ca nyuma, maze tukabibereka. Murabona?

50 Ariko ni iki? Igihe Bibiliya yavuga mu Baheburayo ikigabane ca kane iti, Iyaba Yesu yobaye yarabahaye umunsi wo kuruhuka, yari kubivugako mu nyuma; yari kuba yaravuze ivy'uwo munsi w'uburuhukiro.

*Nimuze kuri Jewe mwese abananiwe n'abaremerewe, ndabaruhura.*

Matayo ikigabane ca 11, umurongo wa 22…Mwihweze, rero, ivyo tubironka iyo tuje kuri We. "*Kubera uwo*," mu Baheburayo 4 ni ko havuga, "*uwinjiye muri ubwo buruhukiro bwa Yesu, yaruhutse ibikorwa vyiwe vy'isi, nk'uko Imana yaruhutse ivyayo,*" igihe yarema isi, ntibe Icongera kubigarukako. Gushika ryari? [Mwene Data Branham akubise incuro zitatu ku gicaniro —Umw.] Mudomwako Ikidodo ca Mpwemu Yera gushika ryari? "*Gushika ku munsi wo gucungurwa*." Ng'ubwo rero uburuhukiro, ukwītswa, Umushingwamanza, Ikidodo, Uwubohora. Ôo! [Mwene Data Branham akubise incuro imwe. —Umw.] Har'ukuntu numvise nshishimutse, nako har'ukuntu numvise mpezagiwe. Ôo!

51 "Twaramusezeraniwe ga mwene Data Branham? Biremezwa na Bibiliya?

Emwe, reka tuje muri Yoweli, turabe ico Yoweli yabivuzeko.

Ese ukuntu nshima kubw'Ijambo ry'Imana rihezagiwe! Murarikunda?[Ikoraniro rivuze riti: "Amen." —Umw.] Ndibaza iyaba bítāri mw'Ijambo, aho rero sinzi aho twociye duhagarara. Neza cane.

Turi muri Yoweli. Tugiye gusoma muri Yoweli, ikigabane kigira 2 co muri Yoweli, maze turahera ku murongo wa 28. Yoweli 2:28, imyaka amajana umunani imbere y'ukuza kwa Kristo, umuvugishwa muri Mpwemu. Ubu rero mwumvirize.

*Hanyuma y'ivyo nzosuka Mpwemu wanje ku bari n'umubiri bose; abahungu banyu n'abakobwa banyu bazovugishwa nanje, n'abatama banyu bazorota inzozi, n'imisore yanyu izobona ivyo yeretswe.*

*Kandi n'abagurano banje b'abahungu n'abakobwa mur' iyo minsi nzobasukako Mpwemu wanje.*

*Nzoshira utwumiza mw'Ijuru no mw'isi: amaraso n'umuriro no gupfunduka kw'umwotsi.*

*Izuba rizocura umwiza, n'ukwezi guhinduke amaraso, hataraza uwo munsi mukuru uteye ubwoba w'Uhoraho.*

*Kand' umuntu wese azokwambaza Izina ry'Uhoraho azokizwa:*

52 Ivyo ni…Ôo! Iki? Yoweli! Mbega mwabonye? Mu Vyakozwe n'Intumwa 2, Petero yafashe uwo murongo nyene. Yavuze ati: "*Yemwe bagabo b'Abisirayeli, nimwumvirize amajambo yanje. Aba ntibaborewe*," aba bantu badomwekw' ikimenyetso, bahawe Umwitsa, batangaje. "*Ntibaborewe nk'uko mwiyumvira*," Ivyakozwe n'Intumwa 2, "*kuk'ubu ari isaha zitatu z'umunsi. Ariko ivyo ni ivyavuzwe n'uwavugishwa n'Imana Yoweli, ngo: 'Bizoba mu minsi y'iherezo, nzosuka Mpwemu wanje ku bari n'umubiri bose*.'"

We ni iki, Mpwemu Yera ni iki? Vyiza cane, kano kanya tubona kandi yuko yasezeraniwe abizera, ico ni co ari. Rero, uyu Mpwemu Yera, turabe ico ari, akanya gato. Yasezeraniwe bande? Abizera.

Ubu reka tuje muri Luka, ikigabane ca 24 co muri Luka, twumve ico Yesu yavuze mu Majambo yiwe yanyuma imbere yuko ava kw'isi. Luka ikigabane ca 24. Kandi kuri mwebwe muriko muravyandika ahantu, murashobora kuvyandika, gurtyo muzovyigeko ejo nimwaronka umwanya ukwiye. Ubu rero, Luka 24 :49, mwumvirize Yesu ariko aravuga. Mumpera, igihe yagira aduganwe mu Bwiza, kwa kuduzwa, aya ni yo Majambo yabwiye abigishwa biwe.

*…umve, ngira mbarungikire ico Data yasezeranye…*

Irihe sezerano? Ikidodo, Ikimenyetso, Umwitsa, hamwe n'ivyo bintu vyose navuzeko, incuro zirenga ibihumbi.

*…ngira mbarungikire ico Data yasezeranye…*

Irihe sezerano? "Umwe Yesaya yavuga ko yoje: 'Nzovuganira n'ubu bwoko mu kanwa katumvikana no mu zindi ndimi.' Ubwo buruhukiro nzobubarungikira. Nzobarungikira kimwe Yoweki yavukako, ngo: 'Bizoba mu minsi y'iherezo, ni ko Imana igize, nzobasukako Mpwemu wanje.' Ôo, nzobarungikira, kandi nzogira amahanga yose, abantu bose, uhereye i Yerusalemu…Nzozana uruvyaro rwa Aburahamu biciye muri iri sezerano. Nzodomakw' ikidodo umwe wese muri bo. Murabona, nzosuka Mpwemu waNje."

*…Ngira mbarungikire ico Data Yasezeranye, ariko mugume,*

bisigura murindirire,

*mu gisagara, kugeza aho muzokwambikirwa Ubushobozi buvuye mw'Ijuru.*

53 None Mpwemu Yera ni iki? "Ubushobozi buvuye mw'Ijuru!" Atari ubushobozi buvuye ku mwepisikopi, atari ubushobozi buvuye kw'ishengero. Ariko, "*Ubushobozi buvuye mw'Ijuru!*"

Ni gute ubwo Bushobozi bwăje? Mu "kwiyunga n'ishengero"? Ndabahinyuje, nimubivuge, muvuge yuko ivyo ari vyo. Mu "kwiyunga n'ishengero, kuramukanya n'umuvugabutumwa"? Oya, mushingantahe. Ubu rero, namwe Bakatolika, ni "gusohora ururimi mufata ingaburo yera ya mbere"? Oya, mushingantahe.

Bwăje gute, ubwo Bushobozi buva mw'Ijuru? Reka dusome imbere gato. Tuje mu Vyakozwe n'Intumwa 1:8. Aha bari bakoraniye hamwe. Hano bariko baravuga kuri Yesu, igihe bari bakoraniye hamwe, maze aha bari bashizeho uwundi mu gishingo ca Yuda. Ivyakozwe n'Intumwa 1:8.

*Ariko muzohabwa ubushobozi, Mpwemu Yera niyabazako,*

Iki? "Muhinduka abanywanyi ba b'Ihema rya Branham"? Oya. "Muhinduka abanywanyi b'ishengero rya Metodiste, ishengero rya Katolika, iry'Abaperesipiteriyano"? Ivyo ntibiri muri Bibiliya na gato. Iyo ni inyigisho yakozwe n'umuntu.

"Ariko uzoronka Ubushobozi niwamara kuba umuvugabutumwa"? Oya, mushingantahe. "Uzoronka Ubushobozi niwamara kuronka Bakaroleya yawe y'ivy'Indimi"? Oya, mushingantahe. Uzoro…ubushobozi buzoza niwamara kuronka Indangabumenyi yawe mu vy'Ubumana"? Oya, mushingantahe." Uzoronka Ubushobozi niwamara kubatizwa mu mazi"? Oya mushingantahe. "Uzoronka Ubushobozi niwamara gufata ingaburo yera ya mbere"? Oya mushingantahe. Murabona, ivyo vyose ni ibihimbano vy'umuntu.

54 Nimwumvirize ico Bibiliya yavuze, ico Yesu yavuze.

*...muzohabwaubushobozi, Mpwemu Yera niyabazako,*

(Mpwemu Yera ni iki? Ubushobozi),

*muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe*

("mwebwe cumi na babiri gusa, muzoba ivyabona i Yerusalemu"?)…

*muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe i Yerusalemu…Yudaya hose…Samariya, no gushitsa ku mpera y'isi.*

(Bamwe batari bwashikirwe.)

*Amaze kuvuga artyo,…Amaze kuvuga artyo aduzwa babona, igicu kimukura…mu maso yabo.*

Ubu rero muzingurure urupapuro rukurikira, murabe ubu buvugishwa buriko burashika.

*Umunsiwa Pentekote ushitse, bose bari bakoraniye ahantu …bose bari bahuje umutima n'inama bakoraniye ahantu hamwe.*

"Giturumbuka umwungere aca arinjira mu…"? Aho ndavuye mu murongo, si ko? "Giturumbuka umupatiri aca aduga kuri alutari"? Oyaye.

*Giturumbuka haza igihinda…*

Atari kwĭgāna gusa; harabayeho igihinda.

"Umukozi w'Imana yari yegereje ku muryango"? "Umupatiri yari yagize ingaburo yera, yar'asohotse ahantu hatagatifu"? Oya, si ikintu ben'ico.

*Haza igihinda kivuye mw'Ijuru giturumbuka…*

(atari ukuvuga kw'ugutambuka kw'ibirenge)…

*Haza igihindakivuye mw'Ijuru nk'i…nk'uguhuhuta kw'umuyaga w'inkomezi*

(Ôo, bagenzi ! Wuuuuu!...?...),

*gikwira hose mu nzu bicayemwo.*

55 Mpwemu Yera ni iki? Aho ni ho baronkeye Ubushobozi. Aho ni ho bategerezwa kurindirira; ibi ni vyo vyashitse bamaze kubikora. Ivyari vyaravugishijwe vyose, uhereye mw'Itanguriro ukabandanya, kuri

Aburahamu ukabandanya; Yotegerejwe kuza, ukuntu yoje, n'ivyamwa yokwamye. We ni iki? Ni Umwe yasezeraniwe Ishengero, abizera.

> *…gikwira hose mu nzu bicayemwo. Hababonekera ibirimi vyigabanije, nk'ivy' umuriro; bibajak'umwe-umwe. Bose buzuzwa Mpwemu Yera, batangura kuvuga izindi ndimi, uko Mpwemu abahaye kuzivuga.*

Rero, ivyo tugiye kuzobishikira, kuwa Gatanu ku mugoroba. Tuzoguma aha nyene, murabona.

Ameze ate? Ni isezerano kw'Ishengero, isezerano koko. Neza cane.

56 Ubu rero, tugiye kubona, inyuma y'aho bujurijwe, bari badomwekw' Ikimenyetso gushika ryari? [Ikoraniro rivuze riti: "Gushika ku munsi wogucungurwa." —Umw.]

Ni bangahe hano muri iri koraniro bafise Mpwemu Yera? Turabe ibiganza vyanyu. Hariho benshi bafise Mpwemu Yera kuruta abatamufise. Tugomba yuko muba umwe muri twebwe, Mwene Data, Mushikanje. Iyo utahuye ico ari, ni..Ni Mpwemu w'Imana akugereramwo, kugira akore ibikorwa vy'Imana.

Igihe cose Imana yaba irungitse Mpwemu wayo muri na bamwe mu basavyi bayo, na bamwe mu bavugishwa na yo, na bamwe mu bigisha ivyayo,na bamwe mu ntumwa zayo, bǎmye na ntaryo bashiburwa n'isi. Bǎfatwa nk'abasazi, igihe cose n'uko vyǎmye biri. Na ca gihe Paulo yahagarara imbere ya Agiripa, yavuze ati: "Muri ya nzira bita akadumbidumbi…" Akadumbidumbi ni iki? "Umusazi." "Muri ya nzira bita iy'abasazi, umurwi w'abarwayi bo mu mutwe, ukwo ni ko nsenga ya Mana ya ba sogokuru."[Mwene Data Branham akubise intoke ziwe rimwe. —Umw.] Ndanezerejwe cane n'uko nshobora kuvuga yuko nd'umwe muri bo. Egome mushingantahe. Ukwo ni ukuri. Ndanezerewe cane n'uko nshobora kuvuga yuko nd'umwe muri bo.

57 Rero, uyu Mpwemu Yera amaze kumanuka kuri bo, yarabateye gukundana cane ku buryo vyose babisangira. Mbega ukwo ni ukuri? Bagenzi, bagenzi, mbega isangira! Duhora turirimba ka karirimbo ngo: "Ôo, dufatanije! Isangira rihezagiwe rya Kimana!" Ni iryo rero. Ntaco vyaba bibatwaye, ntaco vyaba bibatwaye i—izuba ryaka, ryareka. Ntibigeze bakenera igitanda c'amashurwe co kwiraramirako.

"Rero, nzoronka Mpwemu Yera," ni ko abantu bahora bambwira, "Mushingantahe Branham, niwanyemeza yuko nzotunga amamiliyoni, niwanyemeza yuko nzoronka amariba y'ibitoro, yuko nzoronka uburere bwo kwimbamwo inzahabu, rero nzo—nzo…" Murabona, ivyo abantu baravyigisha, kandi baba bariko bigisha ibinyoma. Imana ntiyasezeranye ivyo bintu.

58 Umuntu yaronse Mpwemu Yera, nimba ari busege umukate canke atari buwusege, ivyo ntaco bihindura kuri we. Ni icaremwe kiri mu rugendo rugana mw'Ijuru. Ntiyi…Nta ngoyi n'imwe imubohera hano afise. Ukwo ni ukuri. Ntaco bimubwiye. Vyaza vyareka, birabisha. Nibashake bamucokore, bamutwenge. Watakaza icubahiro cawe, bigutwaye iki? Wibereye mu rugendo rwawe ugana mu Bwiza! Haleluya! Amaso yawe yerekeje kuri Kristo, kandi uri mu rugendo rwawe. Ntiwitaho ivy'ab'isi bavuga.

Ico ni co Mpwemu Yera ari. Ni Ubushobozi, ni Ikidodo, ni Umwitsa, ni Umushingwamanza, ni Ikimenyetso. Ôo, bagenzi! Ni Ikimenyamenya c'uko Imana yakwakiriye.

Natwaye umwanya ungana gute? Nsigaranye iminota umunani. Vyiza. Reka ngire…Ndifise Ivyanditswe hano. Sinibaza yuko nshobora kuvyinjizamwo, ariko tu—turaza kugerageza ukwo dushoboye.

Rero, umuntu amaze kwuzura Mpwemu Yera, birashoboka ko imibabaro n'ibindi bintu vyoshobora kumutuma asubira inyuma hanyuma…yamara ntazotakara, aguma ari umwana w'Imana, azokwama na ntaryo ari we, kubera mudomwakw' ikimenyetso gushika ryari? [Ikoraniro rivuze riti: "Gushika ku munsi wo gucungurwa." —Umw.] Ukwo ni ukuri. Ivyo ni vyo Bibiliya yavuze.

59 Nuko abigishwa bamaze gukubitwa, bagashinyagurirwa, bagacokorwa, n'ibindi, baciye biyumvira kw'ari co gihe co kuja hamwe akanya gato. Reka tuzingurure hariya mu—mu Vyakozwe n'Intumwa ku kigabane ca 4, maze turabe igihe ba…ivyashitse. Rero ibi ni kuri mwebwe bantu mwamaze kumuronka. Ivyakozwe n'Intumwa ikigabane ca 4.

Aha, Petero na Yohana, bari bakubiswe, batabwa mw'ibohero, bahorwa kuba bakijije umuntu, bahorwa kuba bagiriye igikorane co gukira indwara hanze y'ishengero ryabo. Ivyo ni bangahe babizi? Hari umuntu yari yicaye ng'aho, aremaye mu buryo kanaka ikirenge ciwe. Ntiyar'ashoboye gutambuka; yar'ameze uko mu kiringo c'imyaka mirongo ine. Maze Petero arahaca. Nuko aravuga…asohora agakombe kiwe, kugira hagire ikintu boshira mw'ako gakombe, kugira aronke utwo kurya.

Hanyuma Petero yerekana ko yari umuvugabutumwa yuzuye Mpwemu Yera, nta rufaranga na rumwe yar'afise. Ya—yavuze ati: "*Nta feza canke inzahabu mfise.*" Murabona, ntiyari mu mwitwarariko w'ivyo. Ariko yari icaremwe cari mu rugendo rugana mw'i—mw'Ijuru. Ôo, ese ukuntu nipfuza yuko twari kugira umwanya wo kuvyinjiramwo gato ng'aho, murabona. Yariko mu rugendo agana mw'Ijuru. Yari yarahawe Umwitsa. Yar'afise Mpwemu. Yar'afise Ubushobozi. Yaciye yegera avuga ati: "*Nta feza canke inzahabu*

*mfise, ariko ico mfise ndakiguha*."

60 Nta nkeka uwo muntu yaciye avuga ati: "Ufise iki ga mushingantahe?"

"Mfise ukwizera. Nararonse Ikintu kanaka mu mutima wanje catanguye haraheze nk'iminsi cumi. Nari mu cumba co hejuru hariya hejuru, maze giturumbuka, amasezerano yose Imana yari yarasezeranye…Nari naragendanye na Yesu imyaka itatu n'igice. Nararobanye na We, nararonka amafi. Narakoze ivyo bintu vyose bitandukanye. Kandi nari naramubonye akiza abarwaye. Na…Yaguma ambwira ngo: 'Data ari muri Jewe; ariko ninagenda, azoza muri mwebwe.' Ico gihe, sinabitahura. Ariko yavuze ati: 'Yamara siniteze yuko mubitahura.'" Ibi bintu ntimushobora kubitahura; murabironka gusa. Naje sindâbitāhūra. Kandi sindababwiye ngo namwe mwohava mubishobora; kubera ntavyo mwoshobora. Murabona? Rero, sinshobora kumutahura, sinshobora kumusigura; ariko ikintu kimwe coco nzi, ndamufise.

61 "Emwe," muravuga muri: "ivyo ntibihuye n'ivy' ubushakashatsi." Ôo, ata nkeka ni vyo nyene.

Nimwihweze ayo matara. Igihe Benjamin Flanklin yubura umuyagankuba, yavuze ngo: "Ndawuronse." Ntiyar'azi ico yar'aronse, ariko yari yawuronse. Ngomba ko hagira umuntu ambwira ico ari co umuyagankuba kano kagoroba. N'ubu ntibaramenya ico ari co, ariko turawufise. Amen. Ukwo ni ukuri. Nta muntu n'umwe azi ico ari co umuyagankuba. Barawukoresha, barawifashisha mu kuronka umuco, bagatuma watsa umuriro, bagatuma ukora. Ariko uta—utangwa n'imashini, utwuma tubiri tuzungurukira hamwe nk'uku. Ukwo ni ko uboneka, ivyo ni vyo bazi vyonyene. Uzotanga umuco, kuko ufise ubushobozi muri wo.

Kandi ukwo ni ko Mpwemu w'Imana ameze. Iyo uronse icuma kimwe, ari co wewe, ikindi cuma na co kikaba ari Imana; ugaca ubizungurukiriza hamwe nk'uku, har'ikintu kanaka bizogukorako. Ukwo ni ukuri. Bizoca bitanga Umuco. Bizoca bitanga Ubushobozi. Ntimuzi ico ari co, kandi ntimuzokwigera mumenya ivyo ari vyo, ariko murabimenya iyo mumuronse. Ico ni ikintu ntabanduka. Ni kubwanyu. Ni Uwanyu. Ni ugushir'amanga. Ukwo ni ukuri. Ni igiki uyo muco werekana? Hari ugushir'amanga yuko ar'umuco.

62 Ubu rero ibi mubimenye. Nuko, ntimuzi ico ari co.

Ariko bano bantu bavuze bati: "Erega," botegerejwe…baravuze ikintu kimwe bari bazi: "Turazi yuko ari abatize." "Abarwayi kanaka bo mu mutwe, murabona, nka kumwe bavuga wa Mudagi. Murabona? Bavuze bati: "Ntibize, nta ntebe y'ishure baciyeko. Ariko barigeze kuba bari kumwe na wa Murovyi, wa Mubaji iy'epfo hariya hakurya, umwe yitwa Yesu, ndabibabwiye, kuko bariko bakora vya bintu nyene akora."

Ico ni co Mpwemu Yera ari, ni Yesu aba mu murovyi atize, umubaji, canke ico yoba ari cose, umuvugabutumwa atize, uwo ari we wese. Ni umuntu agomba kuba ikitazi ku bintu vy'isi, maze akareka Yesu akamwinjiramwo, Mpwemu w'Imana, Ikimenyetso, Umwitsa. Ntiyitaho ibijanye n'ivyubahiro; ikintu conyene ashaka ni Imana!

63 Igihe Imana yariko ishiraho urutonde, yavuze iti: "*Abalewi mwese, narabahamagaye hanyuma mbagira abaherezi. Nuko bene wanyu bose, abo bandi, irya miryango cumi n'ibiri na…irya yindi miryango cumi n'umwe izobariha ikigira cumi.*"

"*Nimwaronka ibinyobwa cumi vy'amapome, musukire Abalewi kimwe. Nimwacana intama zanyu ha—hano, muze mukuremwo intama y'ikigiracumi. Sinitayeho ngo ni nto canke nini, iravyibushe canke ngo ironze, iyo ni iy' Abalewi*."

"*Namwe Balewi, nimwamara kuronka ivyo vyose, nuko rero namwe, muzoca muha ikigiracumi Uhoraho. Muzoca mutanga ishikanwa rizungujwe, amashikanwa adugijwe, amashikanwa atandukanye. Muzoca muha Uhoraho ikigiracumi*."

Ivuga iti: "Mose, ku bijanye n'umugabane wawe, ni Jewe mugabane wawe." Ôo, bagenzi! Yavuze Iti: "Ni Jewe mugabane wawe uhagije."

Kandi ico ni co Mpwemu Yera ari kw'Ishengero uyu munsi. Simfise ifeza canke inzahabu, ariko ndafise Umugabane uhagije. Haleluya! Amashure? N'iki Gitabu sindagisoma vyoroshe, ariko ndafise Umugabane uhagije. Ivyo ni vyiza. Indangabumenyi y'Ubudogiteri, nta n'imwe mfise; Indangabumenyi Isanzwe canke y'Ubwigisha, canke ivyo bindi. Ariko hariho ikintu kimwe mfise, Umugabane uhagije. Uwo ni wo mugabane nshaka. Uwo ni wo mugabane Imana ishaka ko uronka. Shiburira kure ivyo bindi bintu vya kera, ivyo vyubahiro vyose n'ibindi vyose, maze uze uronke Umugabane w'Imana uhagije. Kubera, ivyo muronka kuri iyi si, muzobisiga nimwayivako. Ariko nimwaba mwararonse uyu Mugabane uhagije, uzobadugana hiyo Hejuru ata nkeka.

64 Uyu munsi, twama tugira ubwishingizi, bwo guha uwuhamba. Nimuze turonke wa Mugabane w'Imana uhagije, gurtyo twironkere Uwuzamura mu gishingo c'uwuhamba. Murazi, abo bompi barakora.

Ubu rero nimurabe.

*…nuko barekuwe basubira muri bagenzi babo…*

Ntibaciye basubira mu baherezi. Murabona, ivyo vyerekana ko bari bamufise. Ntibaciye basubira kuri vya bintu vya kera, bikonje bisanzwe, oya; ngo basubire inyuma bavuge bati: "Raba ivyo badukoreye!" Oya, oya. Bari bafise ababo. Hari hariho gusa nk'icumi na babiri muri bo, ariko bari abagenzi bahagije, abantu bakeya bari ku rushi.

*…n'uko barekuwe…*

Bamaze kubakubita no kubacunaguza, baravuga bati: "*Mukongera kubatiza mw'Izina rya Yesu kandi...*!" Nako, ôo, nashaka kuvuga…Emwe, ivyo ni vyiza. Murabona? "*Mugasubira kwigisha mw'Izina rya Yesu, ico mukora cose, duca tubafata*!"

Baravuga bati: "Ôo, ni iterabwoba vy'ukuri! Twigire kuraba Bene Data." Ôo, n'uko nyene. Ubumwe ni inguvu. Mu bumwe harimwo inkomezi. Baravuga bati: "Twigire kuraba Bene Data turabe ico turi bukore."

65 Rero baca baja hamwe batangura kubabwira ibintu bitandukanye vyababayeko.

*…nuko barekuwe basubira muri bagenzi babo, babiganira ivyo abaherezi bakuru bababwiye vyose. Na bo bavyumvise bavuga n'ijwi rirenga babwira Imana n'umutima uhuye, …*

Ubu rero nimwihweze ivyo bavuze. Mumwitegereze, mubitegereze, ntibaciye basubira inyuma ngo bavuge bati: "Ô…" Ikindi kintu nk'ico ngo: "Ôo, Mwami, unyihanganire…" Oya. Bari baramaze gukizwa. Bari barujujwe Mpwemu. Bari bafise Ubugingo Budashira.

*…bavuga n'ijwi rirenga…n'umutima uhuye, bavuga bati: "Uri Imana,…*

Amen! Ivyo ndabikunda gusa, Mwene Data Palmer. Ivyo ndabikunda.

*…ni Wewe waremye Ijuru n'isi, ikiyaga n'ibirimwo vyose, kandi wavugiye mu kanwa ka sogokuruza Dawidi…umusavyi wawe…uti,…*

66 Ubu rero murabe, muragaruka mukavuga muti: "Ntituri i…" Rero uragenda ukavuga uti: "Erega, Mwami, hinge gato. Bariko barancokora cane!" None ntiyari yarabivuze ko bobikoze?

*"Mbere abagomba bose kugenda bubaha Imana bari muri Kristo Yesu bazohamwa."*

"Murazi, databuja yambwiye ko hamwe amfatiye…" Mbega ntibavuze yuko ivyo bobivuze? "Ariko, murazi, baranjanye muri sentare kubera ivyo."

Mbega ntiyari yavuze ati:"Muzorengutswa imbere y'abami n'abaganza, babahora Izina ryanje. Ntimwijijanye imitimaku vyo muzovuga, kubera simwe muzovuga"? Ivyo narabibonye bishika ejo bundi. "Ni Mpwemu Yera aba muri mwebwe; ni We azovuga." Murabona, "We nyene." Ukwo ni ukuri. Neza cane. "Ntimuze mwijijanye imitima ku vyo muzovuga."

67 *Mwami, biciye…Uwo biciye…kandi wavugiye mu kanwa ka sogokuruza Dawidi, umusavyi wawe, ubivugisha Mpwemu Yera, ut' Abanyamahanga n'iki kibateye umuvurungano,*

*N'amoko yagiriye ingingo iki ivy' ubusa? Abami bo mw'isi batonze urugamba, N'abakuru bakoraniye hamwe, Kurwanya Uhoraho n'Uwo Yarobanuje amavuta.*

*Kandi vy'ukuri mur' iki gisagara, Herode, bo na Ponsiyo Pilato hamwe n'abanyamahanga n'imiryango ya Isirayeli, bakoraniye kurwanya Umushumba wawe Yera Yesu, uwo warobanuje amavuta, ngo bashitse ivy' ukuboko kwawe n'inama yawe vyari vyaragabiye vyose ko bizoba.*

Ôo, bagenzi! Ivyo ndabikunda. "Mwami, bariko bakora vya bindi nyene wari waravuze yuko bokoze." Ni iki Bibiliya yari yaravuze?

*"Muminsi y'iherezo, abantu bazoba bikunda gusa, birarira, bibona, batukana, batumvira abavyeyi, intashima, abanegura ivy'Imana, banka kwuzura, batigarura, inkazi, badakunda ivyiza, bakunda ibibahimbara bakabirutisha Imana, bafise ishusho yo kwubaha Imana, ariko bahakana…"*

Abo bo ntibakunda hamwe hejuru be no kwakira Ubushobozi, "Mpwemu Yera niyabazako."

*"Bafise ishusho yokwubaha Imana, ariko bahakana ubushobozi bwakwo: abameze bartyo wame ubateraibitugu."*

Ico ni co Mpwemu Yera ari. Murabona?

*…vyari vyaragabiye vyose…ko bizoba.*

68 *Kandi none, Mwami, raba agahahirizo kabo, u—uhe abasavyi bawe kuvuga Ijambo ryawe,*

Ôo, ivyo ndabikunda! Nimukureho iryo gufa rya kera ry'inkoko ng'aho, mushireho uruti rw'umugongo nyarwo. Ubu rero mwihweze neza.

*…bashize amanga rwose, ukiramvuye ukuboko kwawe gukiza indwara,…*

Ôo, Mwene Data! Abadayimoni ntibapfa, ariko na Mpwemu Yera nyene n'uko nyene. Murabona?

*…Ukiramvuye ukuboko kwawe gukiza indwara…ibimenyetso n'ibitangaza bikorwe mw'Izina ry'Umwana wawe Yera Yesu.*

Murabona ibintu bariko barabikorako, murabibona? Ivyo ni vyo bakora n'uyu munsi, ariko ntaco bibashikanako.

*Bahejeje gusenga, aho bakoraniye haratigita, bose buzuzwa Mpwemu Yera, bavuga Ijambo ry'Imana bashize amanga.*

Wôo! Bagenzi! Bararonse Ikintu kanaka igihe baduga hamwe hejuru, si ko? Isezerano ryaravuga ico MpwemuYera ari, abaha gushira amanga, abaha gushikama, abadomako ikidodo, abaha Ikimenyetso. Ôo, bagenzi!

69 Nimwumirize. Ôo, nari nipfuza ko tugira umwanya uhagije, twoshoboye guca tubibandanya hamwe na Filipo mu Basamariya. Ni mu Vyakozwe n'Intumwa 8:14; kuri mwebwe muriko muravyandika. Bari baronse umunezero udasanzwe, bari baronse ugukira indwara kudasanzwe, ariko bari babatijwe gusa mw'Izina rya Yesu Kristo. Maze i Yerusalemu baca barungika Petero ngo ajeyo; aramanukayo abarambikakw' ibiganza, baca bararonka Mpwemu Yera. Ivyakozwe n'Intumwa 8:14.

Mu Banyamahanga, hăriho umwe yitwa Koruneliyo. Yari umuntu w'igitangaza, yaratanga ikigira cumi, yarubakira abantu amasinagogi, yarubaha Imana, eka mbere yaranatinya Imana; yari umuntu mwiza, Umuperesipiteriyano mwiza, Umumetodiste, Umubatiste, canke ikindi cose, murabona, umuntu mwiza cane. Ariko igihe kimwe Imana yavuze iti: "Ni umuntu mwiza; rero ngira ndamurungike mu gikorane. Biza kunsaba kujana umuvugabutumwa wanje hariya kugira amubwire ivyereke ibi Bintu." Neza cane.

Ni ho yaca abona iyerekwa, rivuga riti: "Manuka i Yopa, uraza kubonayo umuntu umwe yitwa Simoni, umuhazi w'insato. Aho ni ho hari umuntu yitwa Simoni Petero. Umuzane hano; ni we aza kukubwira inzira, kubera hari Ikintu yaronse."

70 Hanyuma mu gihe Petero yar'ahagaze hamwe hejuru…Koruneliyo we yagira asenge uwo muvugabutumwa. Emwe yagira abikore. Yamara Petero aramubwira ati: "*Haguruka. Nanje ndi umuntu nkawe.*"

"*Petero akivuga ayo Majambo*," ukuntu bari basubiye inyuma mu ntango ku…bino bintu nyene ndiko ndavugako, ukuntu Imana yasezeranye gusuka Mpwemu Yera. "*Akivuga ayo Majambo, Mpwemu Yera abamanukako*." Wôo! Egome. Ico ni co Mpwemu Yera ari, uwo yagenewe. Ata nkeka. "*Maze bose buzura Mpwemu Yera*."

Ubu na ho mwitegereze mu Banyefeso, hăriho Mwene Data w'Umubatiste. Ubwa mbere yari umuntu w'ivyagezwe, mwiza, umuntu w'incabwenge, yar'azi ivyagezwe; umuntu ahambaye, yize. Igihe kimwe atangura gusoma Bibiliya, aca abona ko hariho umuntu yoje yitwa Mesiya. Ivyo amaze kubikora, erega, aca atangura kwumva inkuru z'ivy'uyu Yesu, nuko aravuga ati: "Ndemejwe. Ndatuye bimwe vyeruye n'ukwizera kwanje ko Yesu ari We Kristo, Umwana w'Imana." Yari Umubatiste w'ukuri. Yaraje avuga ati: "Ndatuye bimwe vyeruye yuko Yesu ari We Kristo." Yabandanije gukor'ivyo gushik'aho Imana imuhamagara mu gikorwa. Imana izovugana na ntaryo n'umutima w'umunyakuri.

71 Hanyuma hiy'epfo hari abajishi b'amahema, yari Akwila na Purisikila, umugabo n'umugore. Bari abajishi b'amahema. Mu Vyakozwe n'Intumwa ku kigabane ca 18, ni ho habibabwira. Bari abagenzi ba Paulo. Bari bararonse Mpwemu Yera biciye mu biganza vya Paulo n'ukwigisha kwiwe.

Bumva ahantu hari ikanguro baca bakubitirayo. Hari nk'abantu cumi canke cumi na babiri bariko barabikurikirana. Na we aragenda kugira abirabe, aca arumva uwo muvugabutumwa ariko arigisha, ashimitse mu mutima wiwe. Aca aribwira ati: "Urazi, ndibaza uwu yokwumva Ukuri." Rero igikorane kimaze kurangira, aca aramuhamagara ku ruhande inyuma y'ihema, aramubwira ati: "Turafise Mwene Data muremure gurtya, Umuyuda muto w'akazuru gasongoye, rero niyaza, azokwigisha Ijambo ry'Imana mu buryo butomoye."

72 Rero, haheze umwanya… Muri uwo mwanya nyene Paulo yari mw'ibohero. Ahantu habi cane ku bavugabutumwa ba none, si ko none? Ariko we yari mw'ibohero, kandi Umwami yari yamuretse arajayo.

Ya nyamugigima imaze kuba, ikajugumvya ibohero, yaciye afata umurinzi w'iryo bohero n'umuryango wiwe wose, arababatiza, mw'Izina ry'Umwami Yesu, maze aca aravayo, aza aho hantu.

Yari yirukanye idayimoni mu mukobwa umwe w'umunyamareba. Rero, yabazanira amahera menshi, nuko babonye ko abaseseye agafu, baca barabimuhora baramupfunga. Umwami na We aca anyiganyiza ibohero, kubera yar'afise umugwi w'abantu hariya, bari bagiye kwumva Ukuri. Ntushobora kuboha Ijambo ry'Imana. Hariho…Uko biri kwose, ntavyo woshobora. Ntavyo woshobora, nta bindi.

73 Aca aragenda hamwe wa muntu yar'ari. Hanyuma Akwila na Purisikila, kumbure bari bafise udukate. Ako kanya nyene bahejeje kurya utwo dukate, avuga ati: "Tugiye kubandanya ikanguro."

Paulo yicara inyuma ashira amaboko ku mutamana wiwe, maze yumviriza uwo muvugabutumwa w'Umubatiste yariko arigisha.

Aravuga ati: "Ivyo wigisha ni vyiza, ariko hariho Ibirenze kuri ivyo." Aravuga ati: "Ngomba ndakubaze ikibazo, Dogiteri Apolo. Wararonse Mpwemu Yera umaze kwizera?"

"Ôo," aravuga ati: "Ntitwari tuzi yuko anabaho. Ushatse kuvuga iki, 'Mpwemu Yera'? Twebwe turi Ababatiste."

Aravuga ati: "Muzi gute ko muri Ababatiste?" Murabona?

"Erega, twarabatijwe. Tuzi gusa umubatizo wa Yohana."

Aravuga ati: "Yabatije umubatizo wo kwihana, ababarira 'kwizera uzoza hanyuma yiwe,' Uwo na We ni Yesu Kristo."

Ivyo bamaze kuvyumva, babatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo. Paulo amaze kubarambikako ibiganza, Mpwemu Yera abazako, bavuga izindi ndimi, bavugishwa n'Imana. Aravuga ati: "Uwo wese..."

74 Ubu rero, rero, tubigenza gute? Ngomba ndababwire ikintu kimwe, hanyuma nca…Duca turangiza, kubera, ni, nababwiye yuko ntegerezwa kubarekura kare. Murazi ico Mpwemu Yera ari. Kubw'Icanditswe ca nyuma kubw'uyu mugoroba…Ndacafise umugwi wavyo hano, ariko nza gutegerezwa kuvyihoza. Reka tuzingurure hariya mu 1 Ab'i Korinto 12. Nuko turasoma ivyo, gurtyo turaca tura—turangiza. Neza cane. 1 Ab'i Korinto ikigabane ca 12. Ni bangahe bizera inyigisho z'Umweranda Paulo? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." —Umw.] Koko. Mu b'i Galatiya 1:8 yavuze ati: "*Naho yoba Umumarayika yigishije ibinyuranye, arakavumwa*," tureke umuvugabutumwa! "Naho yoba Umumarayika avuye mw'Ijuru akigisha ibinyuranye, arakavumwa." Murabona, ntihagire ico mugira kur'ivyo. Ubu rero nimwitegereze, 1 Ab'i Korinto 12.

75 Ni ba—bangahe bazi yuko dutegerezwa kuba muri Kristo kugira tuzozuke kubera Umubiri wiwe ari wo Imana yasezeranye kuzozura? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." —Umw.] Nta yindi nzira. Nta yindi nzira, nimba uri hanze ya Kristo.

Mwoshobora kuraba inyuma hano maze mukamwizera, mukavuga muti: "Koko, ndamwizeye. Ni Umwana w'Imana." Vyiza Mwene Data, aho nditeguriye kugukora mu minwe iyo uvuze urtyo. "Namwizeye. Nzomwatura nk'Umukiza wanje." Ivyo ni vyiza, ariko nturinjira muri We. "Nzoramukanya n'umuvugabutumwa. Nzokwatura ivyaha vyanje." No ng'aho nturinjira muri We.

76 Ubu na ho, nimwitegereze, murabe ico Paulo yavuze, ingene mwinjira muri Kristo. Bizomenyekana gute ko wakebwe? Aburahamu, baratanga ikimenyetso. Ibi muvyumvirize kano kanya, 1 Ab'i Korinto, ikigabane ca 12, rero reka duhere ku murongo wa 12.

*Nk'uk' umubiri ar' umwe, ukagira ingingo nyinshi, kand' i… ingingo z'umubiri zose nah' ari nyinshi ar' umubiri umwe, ni ko na Kristo ari.*

Nimwe umvirize. "Biciye mw'ishengero rimwe"? Ni bangahe turiko turajana mu gusoma? "Biciye mu kuramukanya"? "Biciye mu mazi amwe"? Oya. Aho rero hariho umuntu ari mw' ikosa.

"Biciye muri Mpwemu umwe!" Ni urudome rukuru? Aho rero uwo ni "Mpwemu Yera." Murabona?

*…kuko muri Mpwemu umwe, twese ari ho twabatijwe ngo tube Umubiri umwe, naho boba Abayuda cank' Abagiriki, naho boba abagurano cank' abidegemvya. Kandi twese twanyweshejwe kuri Mpwemu umwe.*

77 Umubiri wa Kristo ni Mpwemu umwe, aho uwizera wese, uhereye kuri Pentekote gushika kino gihe, anywa kuri wa Muvinyu nyene mushasha, umwe Mpwemu Yera nyene, yama vya vyamwa nyene. Tubigenze dute? "*Muri Mpwemu umwe*."

Mpwemu Yera, ni umuryângo w'Imana wuguruye. We ni iki? Ni umuryângo w'Imana wuguruye. Ni Ikimenyetso. Ni Ikidodo. Ni Umwitsa. Ni Umushingwamanza. Ni ugushir'amanga. Ni uburuhukiro. Ni amahoro. Ni uburwaneza. Ni ugukira. Ni Ubugingo. Ni—ni umuryângo w'Imana wuguruye kuri bino bintu

vyose. Ni umuryângo w'Imana wuguruye kuri Kristo, uwo ya…

Imana yaremeje ko yazuye Yesu mu bapfuye, kandi abo bose bapfiriye muri Kristo Imana izobazanana na We mw'izuka. "*Kandi ntimukababaze Mpwemu Yera w'Imana, yabashiriweko kuba Ikimenyetso gushitsa ku munsi wo gucungurwa*." Wôo! Ni bangahe bavyizera? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." —Umw.]

78 Kristo ni iki? Mpwemu Yera ni iki? Si ikintu kanaka abantu bacokora. Ni ikintu abantu bacokora ; ariko s'uko bimeze ku wizera.

Ku wutizera! Ndibaza ndacafise amayinga abiri canke atatu, nari nipfuza gufata umugoroba w'ejo maze ndababwire ico ari ku wutizera. Hinge ndabiceko gato gusa. Ni ikintu gitwengeje. Ni umutego. Ni ibuye ry'igitsitaza. Ni urupfu. Ni ugutandukanywa n'Imana ibihe vyose. Sinshobora kwibaza ivyo ari ku wutizera.

Nimwibuke, ya mvura nyene abatizera batwenga, ni yo mvura nyene yarokoye Nowa n'umuryango wiwe. Murabona? Uyu Mpwemu nyene, Mpwemu Yera abantu bariko baratwenga, bavuga ngo: "Ni abasazi, umurwi w'abarwayi bo mu mutwe, ni ubupfu," ni co Kintu nyene kizozamura Ishengero kiriterure mu minsi ya nyuma; gice kizana urubanza ku wutizera. Ukwo ni ukuri. Ico ni co Mpwemu Yera ari.

Harahiriwe abo…Reka mvuge ibi, bivuye mu bwina bw'umutima wanje. Harahiriwe abamufitiye inzara n'inyota, kuko bazohazwa.

79 Ejo ku mugoroba tuzovuga ku vyo akora iyo aje.

None ubu, ni bangahe hano bipfuza kuronka Mpwemu Yera, maze bakaba bashaka ko tubasengera, kugira mushobore kubona Umuco?

Murazi "ico ari."

Rero ejo ku mugoroba, tuzobona: "*Ivyo Akora*."

Hanyuma rero umugoroba uzokurikira, ni: "*Ingene Bamuronka*." Nuko tuzoca duhamagara abantu hano, abantu bigishijwe, maze bace baja mu vyumba bagumeyo, nimba bizofata igihe cose ca Noheli, nta kibazo, gushika Mpwemu Yera aje. Tugiye kumwegera ku rufatiro rukomeye rwa Bibiliya. Tugiye kumwegera maze tumuronke neza na neza nk'uko Imana yamusezeranye, kandi nka kumwe yamanuka mu ntango. Turi ng'aha kugira tubigenze durtyo. Nta—ntaco bihindura na gato ico uwo ari we wese avuga, turi…

Ijambo ry'Imana ni…rifata ikibanza ca mbere mu mutima wanje. Ukwo ni ukuri. Kandi nshaka ico Imana ifise kubwanje. Nimba hariho ikindi, ugurura Ijuru, Mwami kubera umutima wa—wanje uruguruye kubwaco. Ukwo ni ni ko biri.

80 Ni bangahe bamushaka? Kano kanya mukirize ibiganza vyanyu, muvuge muti: "Nsengera." Ubu rero, mukigumije ibiganza vyanyu hejuru.

Data wo mw'Ijuru, twigishije umwanya muremure. Ariko Mpwemu wawe ari hano. Hariho ibiganza bikirijwe kano kanya. Kandi barazi ico ari, barazi ico Mpwemu Yera asigura. Ndasavye, Mana, imbere yuko iki gikorane gihera, ikiganza cose cakirijwe hano, baze kuba bamuronse. Bikore, Mwami.

Turabasengeye. Turagusavye ubahezagire, kandi ubahe ico imitima yabo yipfuza. Itegereze ivyo biganza vyabo Mwami. Baragukunda. Baramushaka. Barazi yuko badashobora kugenda…Ejo ku mugoroba niwamfasha, Mwami, turashobora kwerekana mu Vyanditswe yuko batazoja na mba mw'Izamurwa batamufise. Rero ndasenze Data, ubahe inzara n'inyota, kugira bashobore kwuzuzwa. Ndabagushikirije kano kanya Data. Kandi uduhe iyi mihezagiro, kuko tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

81 %Ndamukunda, ndamukunda

%Kuko Yabanje kunkunda

%Yigura agakiza kanje
Ku giti c'i Kaluvariyo.

Ngomba mvuge ibi imbere yuko twongera kuririmba. Nshaka kubonana n'umugwi w'abakozi b'Imana hano mu cumba, kuwa Gatanu ku mugoroba, imbere yuko igikorane gitangura, murabona, kuwa Gatanu ku mugoroba. Nda…

Murabona ivyo ndiko ngerageza gukora? Kwerekana ico ari co, ingene twomwegera be n'ico kwubaha; gurtyo ntimuba mukije nk'impumyi mucacisha. Ico ni co gituma ntigeze ndabibaza kano kagoroba. Ngomba ko mumenya ico ari. Ni isezerano. Ni Ikimenyetso. Ni Umwitsa. Ni ivyo vyose.

Nuko rero ejo ku mugoroba be n'umugoroba uzokurikira, tuzoca duhera aho nyene, uhereye aho,

gushika aje. Ntimwiteho igihe bifata; tuzoguma aho gushika. Mweze imitima yanyu. Ntizokwigera imusuka mu mutima wanduye. Mwitunganye, mwitegure, izomutanga.

Ndamukunda, ndamukunda

(reka dukirize ibiganza vyacu kano kanya)

Kuko Yabanje kunkunda
Yigura agakiza kanje
Ku giti c'i Kaluvariyo.

82 Umwungere har'ico yavuze, kandi turacemera, yuko ejo ku mugoroba tuzotangura isaha imwe aho kuba isaha imwe n'igice. Kandi ivyo bizotuma ndabarekura isaha zibiri n'igice aho kuba isaha zitatu n'igice. Isaha imwe n'inu…isaha imwe ejo ku mugoroba, ibijanye n'indirimbo bizoba bitanguye. Naje nzotangura Ubutumwa bwanje isaha imwe n'igice.

Ndamukunda,

Dufate imishwaro yacu tuyimuzungangirize.

Ndamukunda,

Kano kanya nimurenge kurutonde rusanzwe!

Kuko Yabanje kunkunda
Yigura agakiza kanje
Ku giti c'i Kaluvariyo.

Neza cane, kano kanya mwungere, Mwene Data Neville.

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7